# Urugero Rw’Umuntu Atunganye

Jeffersonville, Indiana, USA
14 Gitugutu 1962 Mu Gatondo

1 Urakoze,Mwene Data Neville. Umwami aguhezagire.

Nivyiza kugaruka kandi mw'ihema iki gitondo. Mugire “igitondo ciza” c'ubuntumwese. Kandi ndafise ivyizigiro ko uza kuba umunsi uhambaye kuri twebwe twese,mu—mu Nyonga z'Umwami wacu. Rero ndafise icigwa kano gatondo. Ngomba ncentumbera iki cigwa ubutarariye, kubera ko ari i…Nibaza ko ari ica nyamukuru. Reroni…Kandi kurinda abantu gushavura, murazi, mutegerezwa kumara umwanya muremure,benshi bahagaze. Reka ntandukire icigwa ubutarariye.

2 Kandi, ubu, uyu mugoroba, nshaka kuvuga ku cigwa citwa Umurongozi w'Ubuzima Bwanje. Kandi nizera ko benshi bashoboka, bazakuba bahari muri uwo mwanya, uyu mugoroba.

N'ubwobiri uko, nimba ufise ishengero ryawe, tura…mu vy'ukuri, twipfuza ko uba uja kw'i—kw'shengeroryawe. Ivyo ni inshingano zawe kuhaba, ahari ico ujejwe, kugira umuco wawe wake.

Kano kanya, tuguma dufise ivyizigiro ko, buri mwanya mu gihe mugarutse,tuzokwongerako ikibanza hano. Ariko turabifiseko ingorane, ôo, ahantu hose. Inamay'abazezwabintu mu vy'ukuri yaraciye irya n'ino buri kintu cose. Barabirungika hamwe,bakacemeza; hanyuma bakabirungika ahandi, hanyuma bakabihakana. Maze bakabisubizainyuma, tukavyemereza hano. Ôo, mbega ibihe twagize! Ariko, murazi, Satani niumurwanyi igihe cose arwanya ibigororotse. Gusa mwibuke, mwama mugororotse kubijanye…

3 Namye nibaza iyo wari uri Anthony. Ndabona wabonanye na so wawe. Kandi naravyemw'ikoraniro. Yavuze yuko ari ho wari wicaye.

Turanezerewekubana namwe hano, wewe na so wawe, Mwene Data Milano w'i New York. Ndizera, ninagendamu bihugu vyo hakurya muri iki gihe, nzoronka akanya mvuye i New York, mvuyeahantu kanaka, Umwami niyabigomba.

Kandi kubw'ivyo turanezerewe cane kubw'umwe wese muri mwebwe. Ni vyiza gusa—gusakuba muri hano.

Kandi twagize ibihe vyiza ejo ku mugoroba, canke n'imiburiburi ni jewe nabigize.Nagize i…[Ikoranirorivuze riti: “Amen.”—Umw.]

“HanyumaYesaya mu rusengero.” Maze rero muca mu…

Kandi kino gitondo, tugomba kuvuga ku cigwa, canke twigishe, cibure, nimbadushobora, “Kwubaka Ihema rizima; kwubaka i-kwubaka Ihema rizima ry'ikibanza cokubamwo c'Imana nzima, Umuntu atunganye; Ihema rizima ry'Imana nzima, ahoYibera.” Kandi nimba…

4 Ndumva yuko bafise zimwe mu ndirimbo nziza ngaha. Sinshoboye kuyumviriza. Kandirino joro, ndaza kugerageza nshike ngaha. Umugore wanje yambwiye ibijanye naMwenedata Ungren, ndizera izina ryiwe ryari, ava epfo muri, muri Tennessee.Ubu, yari hano ejo mw'ijoro. Sindamubona kino gitondo, ariko nkeka ko ari hanoahantu kanaka. Kandi nagomba kumwumva aririmba rino joro, nimba noshobora,irya, canke Yamanutse Ava mu Bwiza Bwiwe,canke Uri nkuru! Nagomba kwumva iyo.Bangahe bagomba kwumva aririmba Mwenedata Ungren? [Ikoraniro rivuze rit: “Amen.”—Umw.] Yoo, nda- ndakunda umudihomwiza. Na Meda yambwiye ko yarafise ijwi nk'iry'umugabo riri hagati ya base natenoro. Kandi binyibukije rimwe rya Mwenedata Baxter; ni umuririmvyi, na wenyene, nk'uko tubizi twese. Kandi YamanutseAva mu Bwiza Bwiwe, canke Uri nkuru.Nizeye ko namugenekereje ubu, hejuru… Ivyo bibe neza vyose, Mwenedata Ungren,rino joro, ubishatse, nimba utagenda? Uricara canke ugerageze kwicara urindireigikorane co mw'ijoro? Ni vyiza, nda-nda… Ni vyiza, ntu… ndakubwiye, iki kimezegute, nimba twa…sinshaka guteza umwaga umuntu n'umwe. Ariko kubera iki atari,rero, nimba dushoboye, mu mwanya w'AmashasharaIndwi, nitwigisha ivyo, ko woshobora kuza. Ndipfuza kubufata, urabona,ndabugumye, Uri nkuru, na, kandi Yamanutse Ava mu Bwiza Bwiwe, muri uyomwanya.

5 Yoo, ariko sivyiza cane gukorera Umwami ? [Ikoraniro rivuze, riti: “Amen.”—Umw.] Sinzi ico nokoze iyaba ntari Umukristo!...?...Ni vyiza cane kuba Umukristo.Niyumva neza na neza nk'uko ndiko ndasimbagurika mvuza akaruru, n'ijwi ryanjeryose. Kuba umukristo, iyumvire kw'iryo jambo, gushingwa neza muri Kristo!

Ndazi yukompamagara izina ry'uyu mugabo nabi umwanya wose. Cibure ni S.T. canke T.S.,canke ikintu kimeze uko. Sumners, Mwene Data Sumner. We…Ngomba kumushimira wehamwe n'umufasha wiwe w'igiciro. Niyumvira ko yamaze nka, ni bigaragara, nk'ameziatandatu, ariko arandika ca Gitabu IbiheIndwi vy'Ishengero. Kandi ubu twarakigarukanye ngaha, canditse, giteguriwegukosorwa, no gushirwa muri bwa buryo bw'igitabo Ibihe Indwi vy'Ishengero. Mushiki wacu Sumner, aho uri hose, atankeka uzotwemerere tukwishure kubw'ivyo. Ivyo, vyafashe igikorwa kinini. Kuberaiki, ni kinini. Contwaye jewe nk'amezi atandatu ndagisoma, aho rero ntavuzekugihindura ndagikura kuma kaseti hanyuma ndagikuremwo ivyo nasubiyemwo nogufatanya igitabo. Tuzogitunganya hanyuma tukirungike aho gisohorerwatudatevye,

kuko twiyumvira ko ari ikintu abantu boronka ubwo nyene, kandimwoshobora kuciga. Kandi Billy yariko aranyereka, igihe ninjira mvuyeyo,haraciye iminota mike, ko-ko-ko cari - ko cari giteguye ubu kugira kijanwe kuwugisohora. Rero, mushiki wacu, Ihema rizokwishura kubw'ivyo. Sinari niteze kowokoze ivyo ku busa. Kandi- kandi canke cibure twebwe…nimba tworonka ico gitabuno gutegerezwa kugitorera igiciro, canke ikintu, tuzogishirako ikiguzi aho muronkaikintu igihe cose bakigurishije, ico coba kiri cose. Wewe uvugane gusan'urwego, urwego nshingwantwaro, canke bamwe muri bo harya, kandibazokikubungabungire. Umwami abahezagire cane.

6 Mutamamwenedata na mushiki wacu Kidd, mwicaye hano, mufise imyaka iri musi gatoy'ijana, gato gusa. Kandi twahuye haraciye umwanya, kandi yavuze ati "Emwe, uyuushobora kuba kumbure umwanya wanyuma ndonse wo kukubona, Mwene Data Billy." Avuga ati: "Ndikondasaza cane."

Ndavuga nti: "Ȏo, bagenzi! Sinshakakukwumva uvuga ukwo. Muri neza na neza nk'abakundwa mama ashaje na dawe." Turakunda Mwene Data na Mushiki wacu Kidd. Twebwe twese, turabakunda.Kandi ni neza na neza…

Birankorakomu gihe ndababona mwinjira mu rushengero, kandi umugwi wa babiri bashaje bigicirobameze uko. Kandi mwiyumvire gusa, bamye bavuga Ubutumwa bwiza imbere yukomvuka. Kandi ndashaje. Ni vyo, mwiyumvire gusa, bamye bavuga Ubutumwa bwizaimbere yuko mvuka. Ndi hano ubu rero, ntanguye kwiyumvira ko ndiko ndasazacane. Ndiko ndiyumvira ko niteguye gutanga imihoho. Ndabona Mwenedata naMushiki wacu Kidd binjiye, "Icubahiro ku Mana! Haleluya!" Ndavuze, nti: "Oya,niyumva neza." Ego, mushingantahe. Kubabona, uko bashoboye, uko vyukuri baguteraintege!

Rero mucamutahura yuko, hafi nk'imyaka yanje, incuro zibiri, hanyuma bakaba bakigenda mugikorwa. Baje hano mu gitondo basaba ibitabo, nimba bashoboye gutora ibitabohanyuma bakabigurisha. Bashatse ama kaseti, rero bashoboye gusohoka, barazana imishahamu kuvuza izi kaseti, bamaze hafi nk'imyaka ijana. Ubu ari he ya "mababa abiri"yawe twariko turavuga ejo mw'ijoro? Ni vyo. Ndatanguye kuyiyumvirako, "ari heheayanje?" Igihe yavuga ivyo- ivyo ejo hahise. Ufise imyaka ingahe Mushiki wacuKidd? [Mushiki wacu Kidd avuze ati: "Mfise imyaka mirongo umunani n'umwe."—Umw.]Mirongo umunani n'umwe. Ufise imyaka ingahe, Mwenedata Tom? [Mwene Data Kiddavuze ati: "Mfise imyaka mirongo umunani n'ibiri."] Imyaka mirongo umunanin'umwe na mirongo umunani n'ibiri, kandi baracakoresha amababa yabo, mugikorwa, kandi baracabandanya.

7 Ikintu cosekibaye nabi muri Ohio, ico Mushiki wacu Kidd azi, itelefone ica ihamagara muhira.Uyundi musi, yarahamagaye, hanyuma rwa ruyoya, rwa ruyoya rw'igitsina kobwa,ndizeye rwari, rwari rwavutse n'amara ari hanze. [Mushiki wacu Kidd avuze ati:"Agasaho k'umukoyo."—Umw.] Agasaho k'umukoyo, kari hanze. Kandi umugangantiyarazi ico yokora kuri ko, hanyuma yari afise ubwoba bwo kumubaga.Twarasenze. ["Baramubaze, Mwene Data Branham, no kugisubiza inyuma, kuko bobobavuga, "Ntiyarashoboye kubaho." Nabo baca basubiza ayo mara yiwe mu nda."]Basubiza amara mu nda, bamubaze, kandi biyumvira ko atoshoboye kubaho. Kandiyarabayeho. ["Nta nzira."] Nta nzira rero kugira-kugira…iva mu kibuno, kugiraimfungurwa zicemwo. Hanyuma Mushiki wacu Kidd arasubira guhamagara.Twarasubiriye gusenga, hanyuma ubu arafise inzira imenyerewe. Kandi ng'uyungaha, nk'icabona, na muganga. Murabona? Ni icabona ko Umwami Yesu, Umuremyiahambaye! Murabona ico satani yagerageje gukora? Gucacura ubuzima bw'urworuyoya. Kandi rero, raba, rero ndizera ko uyo mupfasoni yaje ku Mwami.["Yagarutse ku Mwami, neza na neza ku nzu yanje."] Garuke ku Mwami. Mushikiwacu Kidd yaramuyoboye agaruka kuri Kristo, inyuma y'iki gitangaza gihambaye kuruyoya rwiwe.

8 Naritavyeitelefone ivuye i California, ejo hahise, Mwene Data w'umukozi w'Imanaw'igiciro avayo, nari kumwe nawe igihe nagenda i California ubwa mbere,haraheze imyaka myinshi. Umwuzukuru wiwe yari yavutse afise- afise tune…uturingotidutatu dufasha kugumiza umurindi w'amaraso ku rugero rwiza twiyugaye mu mutimawiwe. Hanyuma ndamubwira ivyo vyabaye. Navuze nti: "Imana yashoboye kurema akakandi hanyuma ikagakora neza, irashoboye ata gukekeranya gukiza umwuzukuruwawe." Bwira gusa umuhungu agume aremye cane.

Kandi uyomuhungu yari mu gikorane igihe nari ubwa mbere i Kariforoniya, harahezenk'imyaka cumi n'umunani ubu, imyaka cumi n'itandatu iraheze, yari. Kandi narii Kariforoniya. Hanyuma ya-… Igikoranecaroheje cane uyo muhungu gushika aho…Igihe baronka umwana, kandi yari yavutse,hanyuma babonye ko hari ikitagenda neza, yasa n'ubururu, hanyuma bageragezakumupomperamwo impwemu, n'ibindi. Kandi ntiyasa nk'uwobandanya kubaho, hanyumaabaganga baramufata ibipimo baca basanga uturingoti dutatu dufasha kugumizaumurindi w'amaraso ku rugero rwiza twiyugaye mu mutima wiwe. Nta nzira na gatoyari ihari, murabona, neza na neza- neza na neza akaringoti kamwe ni ko karikokarasuguma. Hanyuma aca ahamagara papa wiwe, avuga ati: "Dawe, hamagara Mwene DataBranham, rimwe gusa. Mubwire ivyo vyose…'Baza gusa Kristo. We arabikora.'" Niko biri. Ȏo, bagenzi! Ako kosho, ivyo babona, murabona, twabivuzeko, ejo mw'ijoro.Ikintu gitumbereye mu mwanya ubereye.

9 Neza,tubandanije kuvuga, ntitwoshikira iki cigwa, sivyo? Ni nka melasi mu gitondogikanye, iba ikiremaremye uko bishoboka, murabizi, kandi ifatanye. Turanezerewecane kugiriranira isangira nk'iryo.

Ego, mushingantahe.

Rero ubureka duceceke, ubu, hanyuma tumanuke ku cigwa ubu. Tuje kumbure…Sinzi yukomushobora kubona ico cake ko mutakibona, ku kibaho cirabura. Kumbure nka hamwenogihindukiza nk'uko, mu mwanya muto, kubera iki, turashoboye, ubu, bamwe murimwebwe, ku… [Mwene Data Edgar "Doc" Branham avuze ati: "Ushaka bakwakirizeitara?"—Umw.] Uvuze iki? ["Ushaka bakwakirize itara?"—Umw.] Oya, sindavyibazauko, ubu nyene, Doc. Gusa kumbure mu mwanya muto. ["Nkiri ng'aha mu nzu,ndashobora kuwutumbereza umuco."] Neza, tura—turashobora gukora ivyo mugihe ndonse duke u…. Urafise itara ngaha? Ego cane. Turimurikishe gusa ubunyene. Murashobora kubona iyo inyuma vyukuri? Murashobora? Nimba mushoborakubona, duza hejuru ukuboko kwawe, nimba ushobora kubona ico kibaho cirabura,soma birya biri harya. Oya. Ni sawa. Tora itara. Ubu, mu gihe bakiriko baritegura kubw'ico…

10 Ntanguyenacerewe muri iki gitondo; canke, oya, oya hakiri kare nk'iminota cumi n'itanu.Kandi rero, hanyuma, turafata gusa umwanya wacu ubu, kubera ko tudashakakwihuta. Iyo wihuse, rero urononona gusa ibintu uba warugiye kuvuga. Rero, narikondumviriza ibande, ajo bundi, nk'uko nababwiye, kandi narumvise isoni, atariivyo nariko ndavuga, ariko uburyo nariko ndabivugamwo nyarutsa cane, kandinavuga nkaze. Niyumva nk'uko ndindiriye. Ca…

11 Na—nabonyeuwundi musi aho bari bagiye kwubaka ikigo kinini cororerwamwo ibikoko, ngahahagati y'i Louisville. Kandi Mushinganta Brown, ndizera ko yari, harya, yatanzeumumiliyoni umwe w'ama dorare awuha ico kigo cororerwamwo ibikoko. Neza, iyonza kuba ndayafise, nka yose noyabahaye kugira barekure ivyo bikoko. Si-sinizera mu kwugarana ikintu nk'uko. Gusa nda…ndagenda mu kigo cororerewemwoibikoko hanyuma nkavyihweza ibikoko bigowe bishaje, idubu n'intambwe, n'ibintu,biriko birasubira inyuma n'inbindi, bifungiwe ubuzima, murabona. Bituma wiyumvanabi. Ivyo vyose biheze, bica bifatwa n'ubwenge bw'umuntu aciye ubwenge kurushauko biri. Murabona? Hanyuma barabifata bakabishira mu gasho.

Kandindiyumvira kubijanye: umurwanizi arakora ivyo. Atwara abantu b'igiciroboshobora kuzunguruka ibibanza bihambaye vy'Imana, n'imirima, n'i—n'ibintu bisan'ivyo, hanyuma bakamufungira mu nzu y'ibohero y'amadini, canke zimwe muri zanemeye, canke ikintu, hanyuma bakamwugaranirayo. Mbega ikintu giteye ubwoba.

Kandi sinkundaibigo vyororerwamwo ibikoko. Ariko niyumvamwo ikintu nka kimwe mw'ivyo bikoko,mu gihe mwese mufunzwe hanyuma mukagerageza gusa kwidegemvya, murabizi, gu-gusohoka gukora ikintu.

12 Ubu,imbere yuko twegera Ijambo, reka twiyegereze nyene Ijambo, mu gihe twunamitseimitwe yacu ubu mw'isengesho.

Data watwese uri mw'Ijuru wuzuye imbabazi, twongeye gukorana kino gitondo mw'Izinary'Umwami Yesu, Umwana waWe w'igiciro. Mana, yigize umuntu aza kw'isi kubw'uguhongerwakw'ivyaha vyacu, hanyuma arapfa, Umugororotsi; kugira twebwe, biciye kukugororoka kwiwe, tukiri abatagororotse, dushobore gutunganywa muri We. Tujetwatura ko tutabereye, Mwami. Nta ciza na kimwe kuri twebwe. Kandi twese turimu nzu imwe nini y'ibohero. Ntaco bitwaye imfuruka duhagazemwo, twese turacarimw'ibohero. Nta n'umwe ashoboye gufasha uwundi. Ariko, Imana, mu mbabazi zayozidahera, yaramanutse hanyuma yugurura imiryango y'ibohero, kugira itugireabidegemvya. Ntitukiri mw'ibohero ubu. Ntituri muri ca kigo cororerwamwo ibikokoco mw'isi, ariko ubu turidegemvya. Turi hanze.

13 Ôo, mbegaingene tuyikunda n'ingene tuyisenga! Ni gute twoshobora guca mu mirima mininiy'amasezerano yayo, no kuyabona yagaragajwe imbere yacu! Kandi dukoreshejeamaso yacu bwite, tukabona Imana ihambaye y'Ibihe Bidashira yihishura ubwayoimbere yacu, no kwigira ubwayo iyiboneka, nk'uko Yiyereka abavugishwa ba kera.Tumenya kino, yuko bo baruhutse bafise ikimenyamenya, yuko umusi umwetuzogarukanwa kandi tugaruke, inyuma yuko ubu buzima burangira, mw'izuka, tujamu Buzima Buhoraho butazigera buvaho. Imibiri yacu ntizosaza. Kandi ntituzigeradupfa. Kandi ntituzigera dusonza. Kandi ntituzigera tugira ico dukeneye. Arikotuzogendana na We. Twumva dushaka kumwumva avuga ati: "Injire mu minezero y'Umwami,iyo nabateguriye kuva isi iremwa." Inyumaimbere yuko icaha cinjira, uko yagize imyiteguro, nko kuri Adamu na Eva, kobatotegejwe na rimwe kurwara canke ngo bagire ibibazo. Rero ubuYarabiduteguriye, kandi yamenye kera ko turiko turaza. Icaha cashinga uruhomerunini, none ubu icaha carakuweho, biciye ku Maraso ya Yesu. Ubu turiko tuja mugihugu c'isezerano, biciye mu masezerano y'Imana, yo Ahoraho.

14 Duhezagireubu, Data, mu gihe twiga Ijambo ryawe. Dushaka kumenya ni ubuhe bwoko bw'abantudutegerezwa kuba, kugira tube Hariya. Dufashe uyu musi muri iri shule, ahodutegerezwa kuba kumwe n'umwigisha ahambaye, Mpwemu Yera, kugira ashoborekumanuka no kutwihishurira, biciye mw'Ijambo ryiWe. Kuko tubisavye mw'Izina ryiweno kubw'Ubwiza bwiwe. Amen.

15 Ubu, ubwambere, nagomba muzingururire hamwe nanje Petero wa kabiri, igice ca mbere. Ngombagusoma umugabane w'iki canditse, Petero wa kabiri, igice ca mbere. Kandi ubukuri mwebwe mufise amakaramu y'ibiti yanyu n'impapuro…

Hanyumanizera yuko nababwiye kino gitondo yuko- yuko mu mwanya kanaka, mpindukijeumutwe wanje mva harya, ico kiragabanura ijwi ry'ikaseti. Vy'ukuri simvuze konkora ivyo. Kandi nizera ko, kenshi, nimba twokwiyumvira kuronka i-imikorofoneifata hose, hanyuma tukayenetsa ku kinyambuga ngaha. Rero, ntaco bitwaye ahomwoba muri hose, vyokwumvikana neza, vyokwumvikana neza ku mpande, gusa imikorofoneiri ku ruhimbi.

16 Kandi ubu,mu gihe ndiko ndavuga, hanyuma nimba mu, inyuma y'igikorane, canke mushaka ku,murashobora gucapura kino gikankara ngaha. Hanyuma kandi nacanditse hano.Ndafata agasumari hanyuma ndakimanike aha imbere, nimba mwoba mugomba kubikora umusiumwe. Muze kare gato uno mugoroba, kugira turonke gutahura.

17 Ubu turikoturegereza Amashashara Indwi.Twahejeje neza na neza Ibihe Indwivy'Ishengero. Kandi ubu ni Ubutumwa bw'inyigisho, buboha umuntu, azocungurwan'Amaraso y'Umwami Yesu, kandi agiye kuzoba muri ico gihe c'Ishengero, ico gihec'Ishengero Gihoraho mu mpera y'ayo Mashashara. Ubu turazi ko dufise InzambaIndwi, Ivyago Indwi, Ibikombe, n'ibindi, tuzinjiramwo, mu gihe tukibandanya.Ariko turarindiriye ikindi kibanza kugira abantu bashobore kwicara.

Ubu, kandiniyumvira ko iki cobohera neza na neza aho nari niteze. Sinari niteze gucapakino gicapo, ariko uwundi musi nari kumwe na bamwe mu bagenzi banje b'igiciro,Coxes, epfo muri Kentucky. Naramanutseyo, niyumvira kumbure ko ndonka uwundimusi umwe wo guhiga imihare, imbere y'uko igihe gihera. Kandi nari mpagaze mubiti ndi kumwe n'umugenzi wanje, Charlie, ahagaze harya, na Rodney, umuvukanyiwiwe. Sinigeze ndanabona umuhare. Niyumvira yuko nayiteye ubwoba yose, aho natangurakuvuza induru mu biti. Ibi ni ivyanjeko, abahungu, na- na mushiki wacu Nelliena Margie, n'igihe nababwira ko nobabwiye kuw'iyinga ninabishikako. Ni vyovyanjeko, ku butumwa naringiye kuvugako. Kandi ingene ivyo bindi vyinjiranyemwoubwo nyene! Kandi, yoo, ndakunda ivyo. Nari mfise impwemu i-iboneka yo kuvuzainduru, muri ivyo biti.

18 Rero ubu,reka dusome ubu, 1 Petero, canke… 2 Petero nako, igice ca mbere, umugabane waco.

Simoni Petero,umukozi wa Yesu Kristo kandi intumwa yiwe, ndabandikiye mwebwe abahawe ukwizerakw'akaburarugero kungana n'ukwacu, muguheshejwe n'ukugororoka kwa Yesu Kristo,ni We Mana yacu n'Umukiza.

Ndakunda ingene ivyo bivuzwe neza aho, kubera ko icigwa canje cosemuri kino gitondo gishingiye ku kwizera. Murabona? Reka ivyo nongenre ndabisome.Mwumvirize n'ubwitonzi ntangere.

Simoni Petero,umukozi wa Yesu Kristo kandi intumwa yiwe, ndabandikiye mwebwe muha—abahaweukwizera kw'akaburarugero kungana n'ukwacu,…muguheshejwe n'ukugororoka kwa YesuKristo, …ni We Mana yacu n'Umukiza:

Nimwihweze,ariko avuga, yuko, "Nahawe uku kwizera, hanyuma ndabandikiye mwebwe abahaweukwizera kw'akaburarugero kungana n'ukwacu." Nshaka…Si ku bantu bari hanze. Ibini kw'Ishengero, murabona, abo bari muri Kristo.

Ubuntun'amahoro bigwire muri mwebwe, mubiheshwa no kumenya Imana neza (mubiheshwa) na Yesu Kristo Umwamiwacu,

Kukoubushobozi bw'ubumana bwayo bwaduhaye ivyo ubugingo… no kwubaha Imana vyose,tubiheshwa no kumenya neza uwaduhamagarishije ubwiza bwiwe n'ingeso ziwe nziza:

Ivyo vyatumye aduha …ivyo yasezeranye vy'akaburarugero,bihambaye cane: kugira ngo (ivyoyasezeranye) bibatere gusangira n'Imanaakameremere kayo,…

19 Ubu rekaivyo vyinjire cane ibwina ubu. Simvuga ubutumwa kino gitondo, twigisha gusakino cigwa. "Kamere y'Imana." Reka nsome uyo murongo wa 4 kandi ubu, kugirantimuwubure. "Ivyo vyatumye aduha…"

Ivyo vyatumyeaduha …ivyo yasezeranye vy'akaburarugero, bihambaye cane: kugira ngo (ivyo yasezeranye) bibateregusangira n'Imana akameremere kayo, mumaze gucika muva mw'ibohero ryazanywemw'isi no kwipfuza.

Murabona,"isi," twarayicitse ubu. Yandikira ibi Ishengero. Ni co gituma turi hano kinogitondo, ni ukurondera kumenya ico inzira iri, ico amabwirizwa y'Imana ari. Ntamuntu ari hano, akunda Imana, ariko ashaka ku- ashaka kurushiriza kuba nkaKristo. Ubu biragaranzuwe ngaha. Buri Mukristo wese! Ndi umukukuruke ashaje.Murabe Mwene data na Mushiki wacu Kidd hano, kumbure nibo bashaje cane kurushaabandi muri ino nyubako. Ariko nimba nobabaza nti: "Umutima wanyu wipfuza iki?"Coba, "Kurushiriza kwegera Imana." Igihe mwigiye kuri Kristo, hari ikintu kuriWe gikundwa cane, mugerageza gusa kwinjira neza na neza muri We.

20 Mumbabarirekuri ino mvugo. Nabwiye umugore wanje, hano nta gihe kirekire kihaciye, ya…

tweseturiko turasaza, hanyuma naramubwiye, navuze nti: "Mbega urankunda nk'ukowahora unkunda?" Yanyishuye ati: "Ndagukunda ata nkeka."

Kandinavuze nti: "Urazi, ndagukunda cane gushika aho nogufata nkagukwega nkwinjiza murijewe, kugira dushobore kuba neza na neza, vyukuri, tube umwe, kurushiriza."

Ubu, ukwo,gwiza ukwo n'imiliyoni ijana, hanyuma rero urabona ingene uko uwizera, yakunze Kristo,ashaka kwinjira muri We, kubera ko ari urukundo. Kandi aratwereka hano ingeneivyo, biciye muri aya masezerano, turashobora kuba abasangira kameremeren'Imana. Ino, bibiri ipfa, ni gute twoshobora kuba abasangira.

21 Noshoborakuvuga ikintu hano. Igituma nizera… Ubu umuntu yarantahuye nabi cane, hano ntagihe kirekire kihaciye. Nakiriye ikete rivuye mw'ishirahamwe ry'abakozi b'Imana,rivuga ko nizeye ko hari… "Twafatanijwe mu buryo bw'imishaha." Kandidutegerezwa kureka abagenzi bacu nimba tudafatanijwe imishaha na bo, twiyungen'uwundi twari dufatanije imishaha." Ôo, bagenzi!

Navuze, "Siniyagirizaubugumutsi nk'ubwo!" Namye igihe cose ndwanya ivyo. Si—sindavyizera ivyo. Ntana gato. Ndizera yuko Imana iduha umugenzi. Ni ukuri. Hanuma rero, tugahindukauruhande rw'umwe n'uwundi. Ni neza na neza. Kandi imbere yuko umugabo arongora,ategerezwa kwiyumvira kuri ini bintu, akavyigako.

22 Umuhunguakiri muto yarambajije uwundi munsi, ambaza ati: "Wibaza ko noshobora,ntegerezwa kurongora, Mwene data Branham, uyun' uyu mukobwa?"

Navuze nti:"Ni kangahe umwiyumvirako?"

Yavuze ati: "Ôo,mugenzi, ndamukunda gusa."

Ndamubwiranti: "Emwe, nimba utagiye kubaho mutari kumwe, vyoba vyiza rero umurongoye.Ariko nimba ushobora kubaho mutari kumwe, vyoba vyiza uretse. Rero, ariko nimbabigiye kukwica, vyoba vyiza u- vyoba vyiza ubandanije kandi ukamurongora," nikonavuze. Hanyuma rero ni igiki nariko ndagerageza kumuha, kino, ico, nimbaumukunda cane gose!

Ubu, ubunyene, imbere yuko urongora, buri kintu cose kimeze neza kandi ni ciza cane.Ariko inyuma yo kurongora, rero ugucumukura n'ibigeragezo vy'ubuzima birinjira.Nico gihe utegerezwa kuba cane mu rukundo aho mutahurana. Igihe aguca intege,na we ukamuca intege, mukaguma mutahurana.

23 Ni yonzira nyene hamwe na Kristo. Murabona? Dutegerezwa kuba cane mu rukundo hamwena We, gushika aho dusaba ikintu, hanyuma ntakiduhe, ivyo ntibiduhungabanya nagato. Murabona? Murabona? Kubera iki? Kandi inzira imwe yonyene ushoboragukoramwo ivyo, ni kuba uwusangira n'Imana kameremere kaYo, hanyuma uzotahuraimvo idashobora kukiguha. "Uwusangira n'Imana kameremere kayo."

Kandi rabahano, "Mumaze gucika muva mw'ibohero ryazanywe mw'isi no kwipfuza." Kurihunga!Ubona ryandikiwe nde? Ni kubw'Ishengero, abo bari muri Kristo, bashizwe hejuruya bino bintu. Si uko ari we yishize hejuru, ariko ni Kristo yamushize hejuru.

24 Kuri benedata banje na bashiki banje b'abirabure muri ngaha kino gitondo, simvuze ibikugira ndababababaze. Ariko nari mu nama imwe haraciye igihe, sinzi ko naronseumwanya wo kubivuga hano mw'ihema. Nabivuze mu bibanza vyinshi. Hari mushikiwacu w'umwirabure yavuze, "Nshobora kuronka gute igishingantahe, cankegushinga intahe?"

"Atagukekeranya, mushiki wacu, bandanya gusa."

Yavuze,"Ngomba gushinga iyi ntahe kubw'icubahiro c'Imana." Yavuze, "Murazi, si- sindiico nategerezwa kuba, hanyuma aravuga, "Si- Sindi ico nipfuza kuba ariko,"yavuze, "kimwe gusa ntakekeranya, sindi ico nahoze ndi." Murabona?

25 Yari avuyeahantu, yari yarashizwe hejuru. Uko ni kotuzi yuko twavuye mu rupfu tuja mu buzima. Turaraba inyuma mu kinogo twavuyemwotwari twimbiwe. Murabona? Ntituri ico dushaka kuba; ntituri ndetse icotwotegerejwe kuba; ariko ikintu kimwe dukenguruka kubwiwe, ntituri ico twahozeturi. Uko ni ukuri. Turi mu nzira.

26 "Mumazeguhunga muva mw'ibohero ryazanywe mw'isi." Mumaze guhunga ico, ukwipfuza nokwononekara kw'iyi si, uri hejuru y'ivyo. Ubu ico ni- ico ni ikigereranyoc'umuntu bariko baravugana, umuntu yacitse bino bintu, murabona, ukwononekarakw'isi.

Mbere hambavu y'ibi, ubwanyu mushiruke umwete wose; ukwizerakwanyu mukwongereko ingeso nziza; ingeso nziza muzongerek'ubwenge;

Ubwenge mubwongereko kwirinda;…ukwirinda mukwongereko ukwihangana;… ukwihangana mukwongereko ukwubaha Imana;

Ukwubaha Imana mukwongereko gukunda bene Data;ugukunda bene Data mukwongereko urukundo.

27 Ubuyaraduhaye indinganizo hano y'ico gukora, no kumenya uko gikorwa. Ubu nk'ukonavuze, turiko tugerageza twese kuza hafi y'Imana. Ni co gituma mpisemwo bunobutumwa kino gitondo, kubw'Ishengero, tuzi ko abantu bari mu rugendo. Kuberaejo mw'ijoro, navuze, "Ni bangahe bari hano, bavuye inyuma y'igisagara?" Hafiibice mirongo icenda n'umunani kw'ijana vy'abantu, bavuye inyuma y'igisagara. "Nibangahe bavuye kuri maili[B1] ijana?" Kubera iki, birarenga, ntomboje, ibice mirongo umunani kw'ijana."Ni bangahe bari hano bavuye kure ya maili amajana atanu?" Kandi hafi ica- ica gatatu c'abantu baringaha bava kure ya maili ijana, maili amajana atanu kubandanya. Muvyiyumvireko,y'abantu bari mu rugendo. Neza, abo bantu ntibaza kw'Ishengero nk'uko kugiragusa babonwe. Ntagihari…nk'ico abari hanze kw'isi bobonako ubwiza hano hantu.Bose ni abantu basanzwe, bakenye, bambara ibisanzwe. Nta ndirimbo zihambayeziva muri bamwe biyita umugwi w'abaririmvyi b'abamalayika, ya ca cuma c'umuzikic'umuringoti, n'amwe mu madirisha y'ibiyo uravye wibona. Mugira ibihe bigoye mukuronka icicaro ku ntebe no guhagarara ku nkikiro y'uruhome. Ntibaza kubw'ikintunk'ico. Ariko baza kuko muri bo hari ikintu kibona ubwiza aya maso y'umubiriatabona. Ni ijisho ryo mu buryo bwa Mpwemu ribona ubwiza bwa Kristo. Ni cogituma baza.

28 Rero, imisimyinshi imbere yuko dutangura igikorano, nasenga ubudasiba. Nagenda mw'ishamba,ngatora mu mufuko wanje…Nabwira umugore wanje, "Ngiye guhiga imihare kinogitondo." Kandi nshize ikaramu y'igiti n'impapuro nandikako mu mufuko wanje.Hakigera ku murango aho ubona neza, naricaye negamira igiti ahantu kanaka,nduza amaboko hejuru ndavuga, "Mwami, nokora iki uno musi? Ni igiki ugiye kumpakubw'abana bawe?"

Rero, igihe natsitara ku kintu gisa nigituriragitongora, haje ikintu gisa na kino. Aho Ukubaho kwiWe kwegereza, natanguyekwumva ikintu nk'ikiva kure, ikintu gitondetse uku. "Kabiri kugwiza kabiri kangana kane." Kirushiriza kwegera, "Kabirikugwiza kabiri kangana kane. Kabiri kugwiza kabiri kangana kane. Kabiri kugwizakabiri kangana kane."[Mwene data Branham akavuga uko asubiramwo arushirizakunyarutsa- Ed.] Birabandanya, birabandanya, birabandanya, nk'uko. Ni UkubahokwiWe kuriko kurinjira.

29 Nimwihebe, hanyuma inyuma y'umwanya muto, mwitandukanye n'umubiri. Haca hazaiyerekwa, "Genda muri kirya- na - kirya kibanza, hanyuma kirya- na -kiryakintu." Murabona? Biratanguye, va mu vyiyumviro vyawe uhwekere ku Mana, hanzey'isi, kure y'isi, hanze mu bugaragwa, kuri wewe ubwawe.

Hanyumabiratangura kuza, "Rimwe, rimwe…" Ndavuga, igiharuro ico ari co cose, cankeikindi kintu cose, gusa ikintu kigatangura kigenda kiraduga, kikinjira n'inguvunke. Hanyuma rero kikaza kirushiriza kunyaruka, kirushiriza kunyaruka. Wicayeng'aho kandi udugije ibiganza hejuru, ata jambo uvuga, gusa ukagumiza ibiganzamu kirere. Ikintu ca mbere umenya, ukubaho kwawe kwose kurajanwa. Hanyumaukabona ibintu yipfuza ko umenya, akwereka ibintu bigiye kuza.

Kenshi nakenshi ico gishika ku rugero kanaka, ku rugero kanaka, hanyuma kigahagarara. Nticinjiramw'iyerekwa. Hanyuma ivyanditswe bikisuka kimwe kimwe. [Mwene data Branham aturitsaurutoke rwiwe incuro zitatu- Ed.] Ngafata ikaramu y'igiti yanje kugirasindavyibagire, hanyuma nkavyandika, nkavyandika.

Hanyuma ndaja muhira ndakiraba, hanyuma nkaciga.Kandi kenshi na kenshi ntikinagira insiguro kuri jewe iyo ndiko ndakiraba.Hanyuma rero, haciye akanya, ng'ico ngaha! Ico kimanuka cihuta hanyumakikagenda kandi. Hanyuma ngatora agatabo gato nk'uku, hanyuma ngatangura gusa kwandika,nyarutsa uko nshoboye, ivyo ambwira. Naribaza, "Mwami, ndagiye mw'ihemandababwira. Nda… 'Nimuze hano.' Naronse ikintu cabo" Neza, uko ni ko biza. Niuko neza na neza. Gushika, ubwa mbere, akimpaye, sinshobora kugitanga.

Rero,hanyuma, bivanye na bino bicapo bito mubona ndiko ndaraba. Kandi iki, ubwambere, natanguye, sinaronse kino gice ngaha gushika haheze hafi nk'umusi cankeibiri, ndi mw'ishamba.

30 Ubu, bano bantu bara-bara… Peteroaravuga, hano, uko dutegerezwa kuba abasangiye n'Imana kameremere yiWe. Ubu,umwe wese muri twebwe ariko agerageza gukurira mu gihagararo c'Imana.

Ubu, inyuma yo kumara AmashasharaIndwi, rero, muri uyo mwanya w'ugusamirana kw'Ishashara ry'Indwi, cankeryuguruwe…ata gukekeranya, turazi ico ari co ishashara, ni ukwugurura ibangory'igikorwa, ukwugurura Amashashara Indwi. Kandi ivyo tuzobona ku gicapo. Niukwugururwa kw'ubutumwa, ikintu cashizweko Ishashara.

31 Kuw'Imana uheze mw'ijoro, nigishijeubutumwa "Urufunguruzo". Kandi urufunguruzo ni ukwizera. Ukwizera ni kwogufashe urufunguruzo, kandi urwo rufunguruzo ni ivyanditswe. Kandi Kristo niUmuryango. Murabona? Ukwizera rero gufata izo ngingo ntonto z'ivyanditswehanyuma zigahishurira icubahiro n'ukugira neza kw'Imana, abantu baYo. Murabona?Kubw'ivyo, ni, ukwizera gufashe urufunguruzo rwugururira Kristo abantu;kurarwugurura, kuruhishura.

Rero, uno musi, turageragezagufata urwo rufunguruzo nyene, twugurure inzira yo kuba umukristo

w'ingesonziza mu gihagararo c'Imana, kugira, no kuba Ihema rizima kugira Imana nzima iribemwo.

Mwibuke, Imana yihishuye ubwayo munzira zitatu. Ubwa mbere, yihishuye mu Nkingi y'Umuriro, Ico cari citwaUbudata. Hanyuma iyo Mana nyene, yigaragaje muri Yesu Kristo, yubaka umubiri,igira uno mubiri. Ubugira gatatu, biciye mu rupfu rw'uyo mubiri, YejejeIshengero Ishobora kubamwo. Yari Imana hejuru yacu, Imana iri kumwe natwe,Imana iri muri twebwe- Ya Mana nyene.

32 Ni nacogituma ico ciswe Data, Mwana, Mpwemu Yera. Ntabwo ari imanazitatu; ni ibikorwa bitatu vy'Imana imwe. Ese iyo baza gusa kwiyumvira uko muriya nama y'i Nikeya, ntitwari kuba twaracanganikiwe, sivyo ? Ukwo ni ukuri.Si imana zitatu. Abantu ntibari gushobora gutahura ingene Yesu yavugana naData, hanyuma We na Data bari Umwe. Neza, aho ni ho vyose biri. Vyukuri,riravyugurura. Nta nkeka. Murabona? Si Imana zitatu. Ibikorwa bitatu!Ibi-…bitatu

Ni igiki? Imana yicishije bugufiku vyaremwe vyaYo. Imana ishaka gusengwa. Ijambo Imana risigura "igisengwa." Kandi niImana yagerageje gutegeka abantu bayo, kugira ishobore kuronka kuri bo icoyabaremeye. Ntiyakubumvye kugira ube ikindi kintu uretse kuba umuhungun'umukobwa b'Imana. Nimba warabuze ico, kuba umuhungu n'umukobwa b'Imana, warahushijeintumbero.

Kandi"guhusha," ijambo i-ca-ha risigura"guhusha intumbero," guhusha intumbero. Rero, nimba ndiko ndarasa ku ntego,gutumbereza intego kuri yadi mirongo itanu, hanyuma nkarasa; ngatora hasiinkoho yanje nkarasa, hanyuma nkayihusha, santimetero zine canke zitanu, habahabaye iki? Inkoho yanje ikeneye gutumberezwa. Haba hari ikintu kitameze neza.Kandi iyo mpushije ukwizera Imana, iyo mpushije kuba umukristo… Imana yagushizehano kugira ube umukristo. Nimba uhengamye uruhande rumwe, garuka hanyumautumberezwe. Kandi hari ikintu kimwe gusa gishobora kugutumbereza, niIvyanditswe. Mpwemu Year mu vyanditswe, aragutumbereza, akakugarukana neza naneza kuri ya ntego. Ni vyo.

33 Ubu, tugira twige Ijambo ryiWe. Stefano yavuze, mu Vyakozwe n'Intumwa 7,hanyuma kandi mu… Reka gusa dusome ivyo. (Turiko tuvuga ivyerekeye ubu, turikotuvuga ivyerekeye Ihema ry'Imana.) Ubu, Stefano yavuze… (Ukubaho, ni ukubaIhema rizima ry'Imana nzima.) Stefano yavuze mu Vyakozwe n'Intumwa ikigabanec'indwi, dutanguriye amaja ku murongo wa 44:

Ba sogokuruza bari bafise ihemary'ibishinga intahe, hamwe bari mu bugararwa, nk'uko iyavuganye na Moseyabigeze, yamubwiye kurigereranya n'ikigereranyo yabonye.

Iryo,ba sogokuruza barihawe na ba sekuru babo, barishikana ino… Yesu ari kumwe na bo,hamwe batsinda amahanga, Imana iyirukana imbere ya ba sogokuruza, gushitsa kugihe ca ba Dawidi.

Kandi Dawidi aronka ubutoni mu nyongaz'Imana, asaba kwubakira Imana ya Yakobo aho kuba.

Ariko Salomo ni weyayubakiye.

Yamar'Isumba vyosentiba muzubakishijwe amaboko: nk'u'uwavugishijwe n'Imana yavuze,

At'Ijuru ni yo ntebe yanje y'ubwami,

Isi na yo ni indava y'ibirenge vyanje;

Muzonyubakira inzu ki ? Ni k'Uhoraho abajije,

Canke nzoruhukira ahantu ki ?

34 Ubu mw'i…Ubu, "ihema," ni, muvyukuri, ikibanza aho tugenda kuruhukira, ubu, tukamererwa neza, n'ibindi, nkokuruhuka bivuye kw'itiro, canke ibindi. Ubu, Abaheburayo 10, no ku murongo wa5, Paulo aravuga ibi.

Ni co catumye, hamwe yaza mw'isi,avuga,

At'ibimazi… (Uwo ni Kristo.)… ibimazi n'amashikanwa ntiwabigomvye,ariko wanteguriye umubiri :

Ni iki Ihema ubu? Umubiri, Imana iba mu Mubiri.

Imana incuro imwe, hejuru, igihe yamanuka ku musozi, naho i-impfiziy'inka canke inka yokoze ku musozi, yategerezwa kwicwa. Imana ni nyeranda.

Ejo ku mugoroba, igihe abo bamalayika bipfuka mu nyonga zabo.Abaserafi beranda bafise inyonga nyeranda, batanazi ico icaha gisigura, hanyumaBagategerezwa gupfuka mu nyonga zabo, mu Kubaho kw'Imana ; gufuka ibirengevyaBo, bicishije bugufi.

Ubu, Imana nyeranda ntiyashobora gufata minenerwe icaha, kubw'ivyonta kintu cari gushobora gukora kuri uyo musozi aho Imana iri.

Rero Imana yigize umubiri hanyuma ibana natwe, mu buryo bwa YesuKristo, Umwana waYo, icaremwe

caYo. Hanyuma uyo Mwana atanga ubuzima bwiWe,n'agace ndemangingo k'Amaraso y'Imana karacika, kugira Ubuzima bushobore kuvamu Maraso, buza kuri twebwe.

Biciye muri ayo Maraso turatyororwa. Kandi ubu amaraso yacu,ubugingo bwacu, bwazanywe no kubaho guciye ku kwipfuza guhuza ibitsina, azanaubugingo bwacu mw'isi. Amaraso ya Yesu Kristo aratwoza, agahindura kameremerekacu, mu kuturungikako Mpwemu Yera; hanyuma tukinjira muri kamere ya kimanay'Imana, hanyuma tukaba ikibanza co kubamwo c'Imana.

35 Yesu yavuze, "Kuri uyomusi muzomenya ko Ndi muri Data, kandi Data ari muri Jewe; Jewe muri mwebwe,kandi namwe muri Jewe." Murabona?

Turazi ingene iyo Imana iri mw'Ishengero ryaYo. Ishengeroritegerezwa ubu gufata ikibanza ca Kristo, ribandanye ibango ry'igikorwa ciWe."Uwunyizera wese, ibikorwa jewe nkora na we azobikora. Hasigaye igihe gito, kandiab'isi ntibabe bakimbona, ariko mweho muzombona, kuko nzoba ndi kumwe namwe, nomuri mwebwe, gushika ku mpera y'isi." Murabona? Ni ivyo, ribandanye igikorwaciWe.

36 Ubu, Imana,canke Bibiriya yavuze hano, ivyo. Stefano yavuze kuri Salomo uko yubatse ihema,"Kandi Isumba Vyose ntiba mu mahema yubatswe n'amaboko y'abantu. 'Kuko Ijuruari Intebe y'inganji yanje, kandi isi ari indava y'ibirenge vyanje. Kandiikibanza co kuruhukiramwo canje kiri hehe?'Ariko waranteguriye Umubiri.'" Amen.Aho ni ho uri.

"Waranteguriye Umubiri" Imana iba mu kiremwa muntu, ikigaragarizamuri ico kinyabugingo. Ugusenga gutunganye! Imana muritwebwe, duba Ihema yaYo, Imana yigaragaza. Yoo, ingene twari gushobora kugumaaho gushika hafi yaho mwobura impwemu muri aho, bivuye ku bushuhe. Mwihweze, ico, Imana yama ifise, igihe cose,yigaragaje mu muntu.

37 Yari Imana muri Mose. Mumwihweze, yavutse ari indongozi; Kristo. Mu gihe yavukahari uruhamo rw'abana, bagerageza kumufata; ni ko vyagenze no kuri Kristo.Kandi yari- yari yakijijwe muri co gihe; vyari uko no kuri Kristo. Yariumunyamategeko, vyari uko no kuri Kristo. Mose yaraduze umusozi, imisi mirongoine, hanyuma aronka amabwirizwa, hanyuma aramanuka. Kristo yagiye mu bugaragwa,imisi mirongo ine, hanyuma aragaruka, aravuga ati: "Mwarumvise ku ba kera,'Ntugasambane.' Ariko, jeho ndababwira y'uko umuntu wese araba araba umugore,akamwipfuza, aba amaze gusambana na we. Murabona? Ibi bintu vyose bitandukanye,ivyo, Imana yigaragaza Yo nyene.

38 Mwihweze Yosefu, yavutse ari umuhungu wa mpwemu hagati mu- kigwi ca bene data.Bose bari abagabo beza, bose bariabakura mbere. Ariko, igihe Yosefu yaza, yari uwutandukanye. Yarashoboyekubona iyerekwa, agasobanura inzozi, kandi yarankwa na bene se kubw'ico. Kuberaigikorwa kinini Imana yari yamushiriye kw'isi kugira akore, bene se baramwansekubw'ico. Murabona? Kandi bose berekana ku musaraba. Kandi, raba, yagurishijwena bene se hafi ibiceri vy'umwakaka mirongo itatu. Yatawe mu kinogo na bene se,kugira apfe. Yakuwe muri ico kinogo, hanyuma aragenda yicara mu kuboko kw'iburyokwa Farawo. Kandi nta muntu n'umwe yarashoboye kuza kuri Farawo, yagenzuraisi kuri uyo musi, nta n'umwe yarashoboye kuza kuri Farawo, kiretse uciye kuriYosefu. Nta muntu n'umwe ashoboye kuza ku Mana, kiretse uciye kuri Kristo.Kandi igihe Yosefu yava ku kirimba, imbere yuko ahava, hari inzamba yavuga,hanyuma abirutsi bakiruka imbere yiwe, bavuza akaruru, "Mupfukame!" Ntaco bitwaye aho waba uri, canke ico waba urikourakora, uko akazi kawe kaba gahambaye, utegerezwa gupfukama gushika Yosefuashitse aho.

80.Kandi igihe inzamba izovuga, umwe muri ino misi, amavi yose azopfukama kandiindimi zose zizokwatura. Igihe Kristo, Yosefu wacu, azova mu Bwiza akaza, reroigikorwa cawe ntikizoba kigifise ikimazi. Amavi yose azopfukama, kandi indimizose zizokwatura ko We ari Umwana w'Imana. Ukwo ni ukuri.

39 Yoo, ese ingene tumubona muri Dawidi! Ni gute Dawidi, umwami yashibuwe, yatembagajwe kuntebe y'inganji yiwe na bene se, umuhungu wiwe bwite, yicaye ku musozi Elayono,nk'uko yaduze, ku gasongero ku musozi Elayono, hanyuma araraba inyuma yihwezaYerusalemu ararira; kubera aho abantu biwe bwite, abo yakoreye kandiyabigishije ivy'Imana, kandi abantu biwe bwite baramuhagaritse bamutera ibintu,bamucirako hanyuma baramushinyagurira, igihe yaduga umusozi hanyumaagashibugwa. Yoo, ese ingene ugutungana kw'umwana w'Imana, haciye imyakaamajana umunani; Umwami yashibuwe, mu bantu biwe bwite, yicaye ku musoziararirira Yerusalemu, nk'Umwami yashibuwe.

82.Vyari ibiki?Imana yigaragaza muri abo bavugiswa, igaragaza Kristo.

83.Hanyuma haza Umwe yari Ugutungana kw'Imana. Yari Imana hagati yacu.

84.Kandi kuva ico gihe, Yigaragaje mw'Ishengero ryaYo, iki gice ca Karuvariyo.Rero, murabona, turiko turagerageza twese gushika kuri ico kibanza co kubamwo,Ihema ry'Imana nzima. Ubu hariho abantu bamwe bamwe…

40 Turabona hano, yavuze ati: "Ubwa mbere turafise ukwizera, ingeso nziza, ubwenge,ukwirinda, ukwihangana, ukugira neza canke ukwubaha Imana, hamwe n'urukundo rwabene data." Neza. Urukundo

rwa bene data, hanyuma rero wongereko urukundo. Rekansome kino, cose, ndagisubiremwo kandi, kugira ubironke ubu ubizi neza. Ubuturatangurira ku murongo wa 5.

Mberekubw'iyo nyanduruko nyene, ubwanyu mushiruke umwete wose; ukwizera kwanyumukwongerekw'ingeso nziza; kandi ingeso nziza muzongerek'ubwenge;

Kandi kubwenge mwongereko kwirinda; ku kwirinda mwongereko kwihangana; ukwihanganamukwongereko kwubaha Imana;

Kandiukwubaha Imana mukwongereko gukunda bene Data; gukunda bene Datamukwongerekw'urukundo, ni rworukundo.

…namba ibibiri muri mwebwe, bikagwira, bituma mutaba abanyabute cank'ingumbaku vyo kumenya neza Umwami wacu Yesu Kristo.

86.Ubu, Petero aratubwira ikintu mu ncamake hano, ko ingene twohashika.

41 Ubu, ngomba kuvuga iki, yuko, hariho abantu bafise umugabane w'izi ngeso nziza,ubwenge, ubumenyi, ukwihangana, n'ibindi, bo batatura ko ari abakristo. Ubugusa tu… turiko turigisha ishure ryo kuw'iyinga. Kandi ni ukuri. Hariho abantu bamwe bafise umugabane w'iki,batemera ko ari abakristo. Ariko ico ntiki…ico ntaco kimaze. Ni nka ya nyoniyirabura igerageza kwambara amoya y'umusambi mu mababa yayo kugira yihindure umusambi =tausi.Yicirako iteka gusa yo nyene. Vyoba vyiza igumye ari ya nyoni yirabura. Murabona? Igihe agerageza kwimenyereza bino bintu atariumukristo, aba mu bisanzwe ari hanze wese y'ikibanza.

88.Ni nka ca giti c'umusukomora kigerageza gukora pome. Nticari gushobora kugikora, murabona, nubwo ariigiti. Ariko ntigishobora gukora pome.

89.Ni nk'inyumbu igerageza gukora ubwoya bw'intama, igerageza kuba intama mu giheari ubwoya bw'intama, nubwo bimeze uko, ni inyumbu. Murabona, ntishobora gukoraubwoya bw'intama. Ntishobora kubukora. Ubwoya bw'intama ni ingabire yahaweintama, ntiyahawe inyumbu. Yategerezwa gukora nk'intama, ariko iguma ariinyumbu. Murabona? Rero, aravuga ati: "Neza, ndashobora kurya nk'intama.Ndashobora gukora kinonk'intama."Kandi ntaco bitwaye ico woshobora gukora cose, utegerezwa kubaintama kugira uronke ubwoya bw'intama.

42 Kandi rekampagarare ngaha umunota. Intama ntikora ubwoya bw'intama. Ifise ubwoyabw'intama kubera ari intama. Abantu benshi bagerageza kuvuga bati: "Neza,nzogerageza kuba mwiza. Nzogerageza gukora iki."Ntukore ikintu na kimwe. Oya, ntushobora kugikora. Intama nti, ntiyasabwe,ntiyiteze gukora ubwoya bw'intama. Yambara ubwoya bw'intama, kandi ibikorakubera ari intama.

Kandi igiheuri umukristo, wama gusa ivyamwa vya Mpwemu. Ntu-ntubikora. Ntugeragezakugikora. Ugerageza…Ntiwigire ubwawe ikintu utari. Uba gusa ikintu icoutegerezwa kuba, kandi rero kikimenyaubwaco.

43 Mwoba mwarumvise abantu bavuga bati: "Neza, ndakubwiye.Ndi…narifadikanije n'ishengero. Nte-ntegerezwa vyukuri guheba ubu bubeshi"?Uriko uragerageza gukora kandi ikintu, ubu. Ntushobora kubikora, rero ntakamaro ko kugerageza ku, nta corusha i-corusha i-inyumbu ishobora gukora yonyene ikaronka ubwoya bw'intama. Ntishobora kubikora.

Canke, ikinyamwanira kirageragezagusangira n'inuma, ikinyamwanira kiragerageza- ikinyamwanira kiragerageza kubainuma. Urashobora kwibaza agacaaho hanze kavuga gati: "Urazi, jewe ndi inuma," hanyuma kakishirako amababa,kakavuga gati: "Raba, jewe nsa na…" Murabona? Koca neza na neza gatakazaishusho. Uwo ni u-umuntu avuga ko ari ikintu mu gihe ataco ari. Murabona, ntacoushobora kugira.

Ntushoborakuvuga uti : " Ubu raba, ntegerezwa kugira ingeso nziza, rero nzogiraingeso nziza. Ntegerezwa kubaho nubaha Imana, rero neza na neza nzobironka."Kubera iki, uriko gusa ugerageza gushirako amababa. Naho ari aho ushika, arikontushobora gushira amababa ku nyoni atari yo. Murabona? Gusa ntibigenda neza.Kandi vyerekana vyonyene uko iyo nyoni ari indyarya. Murabona?

44 Mwoshoborakwibaza agaca gashaje kagerageza kugira amababa abiri y'inuma, kakavugagati : "Raba hano, murabona, jewe ndi inuma"? Murabona? Kubera iki, twese turazi ko ari agaca.Murabona? Murabona? Nta bindi. Turashobora kuvuga ko ari agaca.

Neza, ubu ni yo nzira, kugerageza gu-gukora Ubukristo. Ntushobora kubukora. Ikintu ca mbere utegerezwa gukora, nikuvuka ubwa kabiri. Utegerezwa kuba warahindutse. Murabona? Kandi igiheuhindutse, uca ucika icaremwe gisha. Ubu uba ubikoze neza, ubu. Murabona? Ubuntutegerezwa kwitwararika amababa, aca yimeza yo nyene, mu gihe uvutse ubwakabiri. Ego, mushingantahe.

95.Nk'uko nama nabivuze. Ufashe ingurube ukayoza neza ugaca uyambika ikoti ryiza rigezwehocanke

rya koti bambara ku mugoroba hanyuma ugaca uyireka ikagenda; ica igendaitumbereye ahari ikinogo c'ivyondo hanyuma ikivayangamwo. Kubera, murabona,ntiyoshobora gukora ikintu na kimwe ciza. Ni ingurube. Ni ko kamere kayo.Ukwivayanga mu vyondo niyo kamere kayo. Utegerezwa guhindura kamere kayo, kandi(we) ibisigaye bizoca vyikora vyo nyene.

45 96.Ubu, nimwihweze. Mutegerezwa kuvuka ubwa kabiri, ni ukuvuga, guhinduka.Hategerezwa kuba uguhinduka.

97.Muravuga muti: "Neza, Mwenedata Branham, ndazi uyu mugore hano, kubera iki,ntarigera na rimwe akora ikosa. Ni umugore mwiza. Canke, nk'uyu n'uyu mugabo.Ni umugabo mwiza. Ntarigera na rimwe akora ikintu na kimwe. Murabizi ko atamuntu n'umwe agirira nabi." Ico ntigisigura ikintu kimwe. Ategerezwa kubaumubanyi mwiza, ariko si umukristo gushika avutse ubwa kabiri.

98.Yesu yavuze ati: "Kiretse umuntu avutse ubwa kabiri," Yohani mweranda 3, yuko,"Adashobora no kubona ubwami bw'Imana." Ubu, ivyo bisigura, murabona, bisigura"gutahura."

46 96.Raba ikintu ico ari co cose, uvuge uti: "Nta co mbona vy'ukuri." Usiguye yukoutagitahura.

Umuntuntashobora gutahura igituma abantu bavuza induru. Umuntu ntashobora gutahuraigituma imvugo y'icaremwe muntu yohinduka kandi yovuga mu ndimi. Umuntu asanzwentashobora kubona uko Ubwiza bw'Imana bwoza mu maso y'umwana w'umuntu, hanyumaakabona iyerekwa kandi akabwira umuntu ibintu vy'ukuri, hamwe n'ico gukora; akababwiraibintu bizoshika, kandi akavuga ibigiye kuba, nk'uko Umwami yabidukoreye hano n'ejomw'ijoro. Murabona? Murabona? Ubwengekamere bugerageza kwiha ishusho. "Neza, ni igiki yakoze? Canke, ni ubwoko kibw'urwenge ariko arakoresha? Ni amayeri ayahe yaronse?" Kubona umuntu avuga mundimi, bovuga…kandi umuntu yosobanura akabwira gusa neza na neza umunyanyikanaka wa wa Umubiri ivyakoretse, n'ico batokora. Murabona? Bobo biyuvira yukoari ubwoko bw'urwenge. "Hariho ikintu kanaka categuwe hagati yabo."

47 101.Ntibashobora kubitahura gushika uwo muntu avutse ubwa kabiri. Hanyuma mu giheavutse ubwa kabiri, rero aca yinjira mw'isangira, kuko aba abaye icaremwegishasha. Ya ngeso ya kera y'umwikeko no kwibazabaza yari afise, iba ipfuye.Ubu ni icaremwe gishasha. Rero, murabona, ntashobora kwongerako ikindi kintu nakimwe kuri we, ubu, kubera ko kizoba ciyongeyeko ubwo nyene.

102.Ihweze neza, utegerezawa kuvuka ubwa kabiri. Kandi mu gihe uvutse ubwa kabiri,ntushobora kuvuka ubwa kabiri udafise ukwizera. Ni ukuri. Rero, murabona, kurikino gicapo canje ngaha, naronse umushinge ukomeye, ukwizera ni umushingeukigize cose. "Kand'utizera ntibishoboka kwahimbara Imana. Kuk'uwegera Imanaakwiye kwizera y'ukwiriho, igaha impera abayirondera n'umwete." Murabona? Ategerezwa kwizera. Kandi mu gihe ukekeranya kuri Bibiriya, mu gihe ukekeranyaIjambo ko ari ukuri, utegerezwa neza na neza kuguma uri inyuma gushika ahoubanza kuryizera.

48 103.Icaha ni iki? Ukutizera. Hari ibintu bibiri gusa birongora ikiremwa muntu. Ivyoni canke ugukekeranya canke ukwizera, kimwe canke ikindi. Wewe wegukiwe n'icokiganje ubuzima bwawe. Uko ushobora kuduga uja hejuru, kuvana neza na neza n'ukoukwizera ufise kungana.

104.Ariko, imbere ya vyose, hategerezwa kubaho ukwizera. Reka ngume gato kuri uwomushinge. Ubu, ukwizera ni ico utegerezwa kwizera. Ukwizera ni ico…"Ukwizera n'ukumenyarwose ivyizigirwa." Ni, wewe uba wamaze kukuronka mu gihe ufise ukwizera,kubera ko kugaragarizwa mu kwizera. "Ukwizera n'ukumenya rwose ivyizigirwa,"Abaheburayo 11, murabona, "ikimenyamenya." Niiki? Ni ubwoko ki bw'ikimenyamenya? Ikimenyamenyaceranda.

49 103.Kubw'ivyo, mu gihe uvuze, "Mwene data Branham, nizera yuko Imana ari Umukiza."Neza, nimba wizera ivyo, hanyuma kandi ukamwemera nk'Umukiza wawe, kandiutabesha, ariko mu vy'ukkuri wizera ko kubw'imishishagu yiwe wakize, nta kintuna kimwe coza kibigukurako. Ni ikintu carangiye. Rero urashobora kugiraivyizigiro, neza na neza ukabandanya utaruka kuri iki hanyuma ugatarukira kurikirya. Ariko iyo uronse ukwizera, urabimenya, kuko ari ikimenyamenya/ikiboneka. Uramaze kukugira. Nari…

Bangahe, uwoari we wese, yamaze kwumva Oral Roberts kino gitondo, igihe yariko arigishaIjambo ry'Imana kino gitondo, Oral Roberts? Na- namwumvise avuga ikintu cankeikindi kijanye nuko habayeho ukwizera, ukw'ukubohoka, gusenga amasengesho y'ukwizera,ay'ukubohoka. Yavuze ati:" Muvugane mugukora kw'iradiyo, muvugane mu gukora ku kintu, kugira…" Umuntu yariko arakoraivyo, kugira bishobore guha abantu ikintu bashobora gukorako n'amaboko yabo.Ikintu, uravuga uti: "Nakuronse ubu, kubera ko yambwiye nkore kw'iradiyo yanje.Nakuronse." Murabona? Ubu, ico ni ciza. Ariko, rero, ukwizera kubereye kw'ukurintigusaba gukora ku kintu na kimwe muri ivyo bintu. Ubu, sindiko ndacirako itekaMwene data Oral, haba namba. Ariko akora igikorwa gihambaye, kandi umuntu yubahaImana, kandi nda- vy'ukuri ndamukunda cane Oral Roberts. Birababaje cane ntabenshi dufise nka we.

50 103.Ariko icondiko ndagerageza kuvuga, uko- uko kwizera nta kintu na kimwe gukeneye. Murabona? Ukwizera kwizera Ijambo ry'Imana. Kuko ukwizera kuzanwa n'"ugukorako"? Oya. "Ukwizerakuva ku kwumva, n'ukwumva Ijambo ry'Imana." Ico ni co kirikomeza. Ni aho.Murabona? Kandi ukwizera, nk'uko

nabivuze, ntikurugirako urugendo. Ukwizera niubu nyene. Ukwizera kuri hano. Ubu nk'uko nimba hari umuntu…

Uyo mwanamuto, ikindi gihe. Wa mumama umwe Mushiki wacu Kidd hamwe na bo bavuga, ko yariafise umwana muto amara yiwe yasohotse hanze, ataho yaronse inzira mu nyo, ahoacisha imfungurwa. Ubu, uyo mupfasoni, yumvise Mushiki wacu Kidd na bagenzi webashinga intahe, yarizeye ko nimba yoshobora kubaronka bakavugana, hanyumangasengera urwo ruyoya. Ubu, murabona, Imana iduhaye abantu…

51 Bamwe muritwebwe barafise ivyo bacishijwemwo n'Imana, vy'ukuri cane- cane gushika ahoImana iba neza na neza nk'iyije hano, nk'uko, kandi ivugana na Mwene data Nevillecanke umuntu kanaka muzinanye. Kandi turasaba rimwe na rimwe abo bantu kugirabadusengere. Ni co gituma dutegerezwa kubikora. Kubw'ivyo, nimba dufise ukwizerayuko umugabo canke umugore, uwo ari we wese ariko aradusengera, avuganan'Imana, rero ukwizera kwacu kuba gufashe, kuba gukomeye cane, kuba gushikamye.

Hano. Umuromayarasohotse kugira abonane na Yesu. Hanyuma yavuze ati: "Si- simbereye ko wozamu nzu yanje. Si- simbereye. Si- sindi uwubereye. Kandi si- siniharura muri iyonzira. Ariko," navuze nti: "umuhungu wanje ararwaye cane. Kandi uvuge Ijamborimwe gusa, murabona, kandi umuhungu wanje arabaho."

Vyari ibiki ? Urugendo ntiruzanaitandukaniro. Murabona? Kubera ko, Imana ibera hose icarimwe. Imanaishoboye vyose. Kandi aho Imana iri hose, ubushobozi bwose buba buhari. KandiImana ibera hose icarimwe, ivyo bituma Imana iba hose-hose. Murabona? Imanairahambaye kandi mu Budagi, mu Busuwisi, n'epfo muri Afrika, muri uyu munotanyene, nk'uko Iri hano. Yoo, niho muri.

Kubw'ivyo reroyavuze ati: "Simbereye ko woza mu nzu yanje." Vuga Ijambo gusa." Vyari ibiki?Kwari ukwizera kw'uwo Muroma. Yaravyizeye.

Yesu nawe yavuze ati: "Niwigire. Umuhunguwawe ni muzima."

Hanyuma afataurugendo rw'imisi ibiri. Kandi bukeye bwaho, imbere yuko ashika muhira, yahuyena bamwe mu bakozi biwe baza.

Nabo bavuze bati: "Umuhungu wawe nimuzima."

Kandi uwo Muroma yari anezerewe cane,gushika aho avuga ati : "Mbega ni umwanya uwuhe w'umusi yatanguyekuronka mitende? Ni igihe ikihe c'umusi?"

Yavuze ati: "Amaja kw'isaha ya cumi n'imwe,ni ho yatangura kuronka mitende."

Kandi uwo Muroma amenya ko wari uwomwanya nyene Yesu yavuga ati: "Umuhungu wawe ni muzima," kandi yari yizeye.Amen.

52 Uwushoboye vyose, abera hose icarimwe,azi vyose, atagira iherezo, iyo ni Imana. Rero, igihe bahamagara bakavugabati : "Senga!" Ukwo kuvugana! Kandi ukwizera kwawe kuzana Imana. Nico kintu kizana amasengesho n'Imana, biri hamwe, ku gicaniro. Amasengesho!Ukwizera kurahindura kuva hanogushika hano. Kurabifatanya.

"Vuga Ijambo.Ivyo nkeneye vyose ko ukora ni kuvuga Ijambo, kandi buri kintu cose kirameraneza." Murabona, ntiyategerezwa kuhaba. "Vuga gusa Ijambo." Kubera iki? Imanaibera hose icarimwe. Ishoboye vyose. Ubushobozi ifise musi y'abantu bunganank'ubushobozi ifise hejuru y'abantu, canke kuri izo mpande zompi. Ni Imana."Kandi ikintu kimwe gusa utegerezwa gukora ni kuvuga gusa Ijambo," ni koyavuze.

Rero, ubu,ukwizera guca gukora ibisigaye. Ukwizera kurakora ibisigaye. Kubw'ivyoutegerezwa kugira ukwizera kubw'umushinge. Ubukristo bwose, ico uri cose, icouzigera kuba cose, gishingiye ku kwizera Ijambo. Ni co gituma nizera Ijambo.Murabona?

53 Sinoshoboragushira ukwizera kwanje ku kindi kintu na kimwe. Iyo mba naringiye kugushirakw'ishengero, ni irihe shengero nogushizeko: Katorika, Luteriyano, Metodisite,Batisita, Pentekoti? Ni hehe nogushize? Sinzi. Yose arazungagirika hamwen'ibindi, agoramika intumbero n'ibindi nk'ivyo.

Ariko igihenshize ukwizera kwanje kw'Ijambo ryaYo, kuba gushikamye neza. Nta n'umweyobisobanura. Ng'uku, NI KO UHORAHO AGIZE. Rero ivyo ndavyizera. Ni uwoumushinge.

54 Umuganga muto cane aha mu gisagara, umugenziwanje, Muganga Sam Adair. Twese hamwe twari abahungu. Mwese muramuzi Sam. Kandiyarambariye, yambwiye ati: "Bill…" Inyuma yuko iryo yerekwa rishika, yabwiwe ahoyokwubatse ikibanza ciwe, uko kizoba gisa. Ubu niwinjireyo, umubaze igihe kanaka nimba ivyo atari ukuri. Imyakaibiri canke itatu imbere yuko biba, yabwiwe aho vyobereye. Navuze nti:

"Uzofatahafi nk'ico gisagara c'amazu arundanye." Kandi nta yisigaye kiretse ikintukimwe gusa hagati yiwe n'ico, kandi ico ni ico kigo co kumenyererezamwoabasinzikaye. Muganga Adair arafise ico gice casigaye, na ya nzuigurishirizwamwo imiti. Ni ivyo vyose. Muganga Adair yarujuje gusa neza, iryoyerekwa. Aho, ikibanza yari yavuze ko, "Ntihashobora no gukorwako mu myaka mirongoibiri n'itanu. Ni muri sentare."

Navuze nti:"Muganga, Umwami yarahaguhaye, kubera ukwicisha bugufi kwawe." Yavuze ati:"Jewe simbereye."

Navuze nti: "Weweuri ikinyamasyo. Ufise ikibarara hanze, ikibarara urabisha abagenzi bawe hano,ariko imbere indani uri umugwaneza. Sohoka muri ico kibarara." Navuze nti:"Imana yarakiguhaye."

Yavuze ati: "Sinigeze ndakugirako amakenga,Billy, ariko nzotegerezwa kugukekeranyako ivyo." Navuze nti: "Bandanya ku biro vyawe." Kandikubw'ivyo yarasohotse aragenda.

Bukeye bwahomu gitondo, yarampamagaye kw'itelefone, avuga ati: "Ndapfuye n'imbeho."

Navuze nti: "Hari ingorane iyihe?" Harinko mu kwezi kw'indwi. Navuze nti : "Hari ingorane iyihe, muga?"

127.Navuze nti: "Naramaze kugura ikigo, Billy. Bari bafise inama ejo mw'ijoro iBoston, hanyuma nanje nari namaze kuhagura kino gitondo."

Ndavuganti: "Narakubwiye."

128.Naragiyeyo uwundi musi, ndavugana na we, igihe inkoho yaturikira mu maso hanje.Yavuze ati: "Ndibaza yuko ivyo nabibwiye abantu igihumbi binjira hano, nk'uko."Ni ibiki? Ubu, igihe Imana ivuze ikintu cose, gitegerezwa kuba.

55 Ejo ku mugoroba, abagenzi banje baraje muhira. Bari bumvise iryo yerekwa rivugakuvyerekeye ca gikoko gisan'impongo gifise amahembe afise amashami nk'igiti (caribou) cari gifiseihembe ringana n'imetero imwehamwe n'idubu nini y'inkazi ifise ubwoya bw'umwakaka. Sinzi igitigiri c'abantubaza muhira, bashaka kubona ivyo. Navuze nti : "Ng'iki igipimo c'umukanda.Genda upime iryo hembe." Yaravyumvise bivugwa imbere yuko biba. Murabona ?Kubera iki ? Igihe Imana ivuze ikintu cose, gitegerezwa kuba. Ni cogituma, bifise ishingiro.

130.Ubu, ng'iyi integuro y'agakiza. Kandi rero nimba iyerekwa ryaYo ryashitse muburyo butunganye, neza na neza mu buryo bavuga ko bakora, kandi iri shengerohano rikaba ribizi ko ari ukuri, rero ni gute ku bijanye n'Ijambo ryaYo?Murabona? Ryo rirarushirije kuba ukuri kuruta iryo yerekwa. Nimba iryo yerekwaritari rishoboye kuvuga kumwe n'Ijambo, rero iyerekwa ni ikinyoma. Ariko niIjambo, ubwa mbere, kuko Ijmbo ari Imana. Murabona? Kubw'ivyo, Ibera hoseicarimwe. Yavuga ivyo hano, kandi igashitsa ivyo muri Canada. Amen. Murabona, Iberahose icarimwe. Neza.

56 131[B2] . Imbere ya vyose,utegerezwa kuvuka ubwa kabiri. Hanyuma rero igihe uvutse ubwa kabiri, uragira ukwizera;ukizera Ijambo. Uzoguma urifiseko ibihari, gushika uvutse ubwa kabiri. Nimba uhengamiragusa mu vyo gusenga, kandi- kandi ukagira u-u-ubumenyi buke bwa kiremwa muntu yukoutegerezwa gukora ibigororotse, ntuzokwigera ushobora kwemeranya n'Ijambory'Imana. Ntuzokwigera ubikora. Utegerezwa kuvuka ubwa kabiri. Kandi, kuvukaubwa kabiri, bizana ukwizera. Neza. Hanyuma, umaze kuronka ukwizera, bunoburenganzira hano, u-k-w-i-z-e-r-a,ukwizera, rero uba gusa uriko urakura.

57 132.Ubu, abantu benshi bama baja ku gicaniro, bagasenga, bavuga bati: "Mwami,mbabarira." Kandi ivyo bacishijwemwo bihambaye vy'ukwezwa bikaza kuri bo,n'ibindi. Ni ho rero ugira igihe c'umunezero, ukaza ku gicaniro, uvuga n'ijwirirenga. Ugasubira inyuma uvuga uti: "Imana ihezagirwe, nazironse[B3] ."Oya, watanguriye gusa mu kibanza aho ushobora gukura. Nta na kimwe urakora. Urabona,Ikintu kimwe gusa wakoze ni ugushiraho umushinge.

133.Ubu rero ugomba wubake inzu, kandi usuke umushinge uvuga uti: "Muhungu, nawuronse[B4] ."Urabona? Waronse umushinge wo kwubakako inzu yawe. Ubu uraronse kwubaka inzu.

134.Ubu hariho aho ikintu cinjirana, iki gitondo, tugira tukivugeko ubu. Neza.Inzu, uwu mushinge ni uwa mbere. Ni uwuhe umushinge w'ubukristo? Ukwizeramw'Ijambo ry'Imana. Uwo ni umushinge wawe. Hanyuma rero uca utangura gukura.Rero ugatangura, ugahera ku kwongera kuri uwu mushinge.

58 132.Ubu, ukwubaka inzu, urashirako inkingi zawe zishinze n'ikintu ico ari co cose.Mwene data Wood, n'abandi muri aba basakara hamwe na bano bagiriraniye amasezeranoy'ukwubaka barashobora kutubwira ingene wubaka inzu yawe. Murabona? Ariko ngirandababwire ingene bubaka inzu yo mu buryo bw'impwemu, aho Imana ishobora kuba.Ishaka kuba muri wewe. Ishaka kukugira nka Yo. Igushakako ugaragazwe, neza naneza ugaragaze ishusho y'Ukubaho kwaYo.

59 136.Murazi, mu gihe ca kera aho baba bariko barakora inzahabu, imbere yuko baronkaico

bayongesherezako inzahabu kugira bayicishe mu mucanwa, barakubita inzahabuigasohoka, bagakubita kugira imicafu iveko, icuma n'umujumbu n'ibindi bintubikavako, no bakabandanya gusa bayikubita, bakayihindukiza hanyuma bakayikubita.Abahindi bakora ivyo ubu, barakubita inzahabu, kandi bakayikubita. Muraziingene bashobora kuvuga ko icuma cose cayivuyeko, hamwe n'umucafu wose n'ibindi,n'agasase k'icuma vyayivuyeko? Igihe umwe yariko arayikubita yoshobora kubonaishusho yiwe bwite, nk'ikiyo, muri yo. Yasa neza kandi ikeye bihagije gushikaaho uwayikubise yibona ayiravye.

137.Ni ubwo buryo Imana ikora. Ifata inzahabu yatoye mw'ivu hanyuma ikayikubita,biciye kuri Mpwemu Yera, ikayhindukiza, ikongera ikayihindukiza, ikongeraikayihindukiza, hanyuma ikayikubita gushika (Ironse) Ishoboye kubona ishushoyaYo. [Mwenedata Branham yakomye amashi incuro nyinshi kuri iri ryungane ryose-Ed.]

Kandi ivyo nivyo twasabwa gukora, kugaragaza ishusho y'Umwana w'Imana.

60 136.Kandi ubu dusabwagukora igikorwa caYo. Yavuze ati: "Uwunyizera wese…" Yohani mweranda 14:7,"Uwunyizera wese, ibikorwa nkora na we azobikora." Uriko uratangura kugaragazaishusho y'ibikorwa vya Kristo.

Ariko benshicane muri twebwe bagerageza gukora ibikorwa vya Kristo imbere yuko ishusho yaKristo iba muri twebwe. Ubu hariho ingorane. Tubona ivyo bintu biba. Murayizi.Ndayizi. Tubona bano, bagenda baratsitara ibarabara ryose. Turabona ikigwi c'abataramuweb'abakozi b'Imana, b'abakristo, barundanye ibarabara ryose, ni kuberabatayinjiyemwo neza.

Kandi ico nico gituma ndi hano kino gitondo, ni kugerageza kwigisha rino shengero rito, najewe ubwanje, ingene dushobora kuba ikibanza co kubamwo c'Imana nzima. Ni bangahebashaka kuba uko? [Ikoraniro rivuze "Ameni."-Ed.] Ikibanza co kubamwo c'Imananzima!

61 136.Ubu ng'iki icodukora. Ikintu ca mbere ni ikihe? Kugira ukwizera no kuvuka ubwa kabiri. Uko niugushirako umushinge.

Rero, inyumayuko dushizeko umushinge, ubwa kabiri wongerako kuri wa mushinge wawe."Ongerako ku kwizera kwawe," ni ko Petero yavuze hano. Ongerako ku…kwawe. Ubwambere ufise ukwizera, hanyuma wongereko ingeso nziza ku kwizera kwawe. Uwu niumuce ukurikira. Ubwa mbere, usuke umushinge wawe, ukwizera. Hanyuma rero, kukwizera kwawe, wongereko ingeso nziza.

Ubu, ahonyene, haragwisha hasi benshi muri twebwe. Ego, mushingantahe. Ego. "Ongerakoingeso nziza ku kwizera kwawe." Ivyo ntibisigura gusa kubaho ubuzima bwejejwe,murabizi, nk'umugore canke umugabo, n'ibindi n'ibindi. Ivyo nta ho bihuriye nagato hamwe n'ivyo.

62 Bibiliyayavuze, turabisoma hano mu gitabu ca Luka, aho yavuze iti: "Ubushobozi bumvuyemwo."Ukwo ni ukuri? [Ishengero ryose rivuze, "Ameni."-Ed.] Nimba tugiye kuba nka We,dutegerezwa kugira ubushobozi, kubw'ivyo. Dutegerezwa kubugira, tukamera nkaWe. Ni yo ndirimbo ya mbere nakunze, mu-mu ndirimbo ndangabuhizi, imwe muzihambaye kurusha izindi, yari, Kumeranka Yesu. Neza, nimba ngiye kumera nka Yesu, ntegerezwa kugira ubushobozi, n'umuhoraushobora guhereza abantu ukuye kuri jewe. Kubera, "Ubushobozi bumuvuyemwo bujaku bantu." Ubushobozi! Kandi imbere yuko ubureka bukagenda, utegerezwa kubaubufise ubwa mbere. Utabufise, ntibusohoka. Nta kintu na kimwe bwosohokamwo.

63 136.Vyogenda guteumuntu agerageje kudukuramwo ububasha, hanyuma sheke[B5] ikagarukayanditseko "amafaranga ntakwiye"? Murabona? Oya, oya, nta na hamwe twoyakura,sheke yanswe. Umuntu ariko arakwihweza nk'umukristo, hanyuma ejo akakubonahanze ngaha witwara nk'umunyavyaha, nta bubasha bwoshobora kukuvako aho.Murabona? Neza.

Ububashabutegerezwa kuba muri twebwe. Kandi gushika turonse ububasha…Rero igihe turonseububasha bw'ukuri, turashobora kubwongerako ku kwizera kwacu. Urwo ni rworuhome rw'umushinge rukurikira. Ubu, utegerezwa kugira ukwizera ubwa mbere.Ukwizera kwonyene ntikwobikora. Utegerezwa…Petero yavuze ati: "Rero wongerekoububasha ku kwizera kwawe." Utegerezwa kugira ububasha, kugira ubwongere kukwizera kwawe.

Ubu, rero,birashoboka, impamvu utabufise, kubera ko amashengero menshi y'iki gihe yigishayuko udategerezwa kubugira, canke imisi yo kubugira yarenganye. "Ntibategerezwakubugira. Ikintu kimwe utegerezwa gukora gusa ni kwiyunga n'ishengero. Ego,imisi yararenganye."

64 136.Ingeso nziza,uwari we wese arazi ico ijambo ingeso nziza risigura, murabona, kandidutegerezwa kuzigira. Nimba ububasha bwaraMuvuyemwo, mu gukiza wa mugore yariarwaye, Yari yiteze ubwo bubasha nyene mw'ishengero ryiWe, kubera ko yariicitegererezo cacu. Kandi nimba yari afise ububasha ahereza abantu, atwitegakodufise ububasha duhereza abantu. Kandi n'iki ingeso nziza? Ingeso nziza niinkomezi, ububasha.

Bamwe muri bontibanizera ububasha bw'Imana. Bavuga bati: "Ivyo- ivyo- ivyo vyararenganye. Ikintu

kimwe utegerezwagukora ni gushira gusa izina ryawe mu gitabo, kandi ube waramijweko, cankewarasutsweko, canke warabatijwe, canke ikindi kintu cose kandi. Kandi ivyo nivyo utegerezwa gukora.”

Ariko Petero hano yavuze ati:“Wongereko ububasha.” Ubu, Petero ariko avuga ibijanye n'ukwubaka Inzu y'Imana,murabona, Ihema ry'Imana, ayishira mu kibanza. Kandi umaze kugira ububasha,utegerezwa kugira…Umaze kugira ukwizera, utegerezwa kugushira hamwe n'ububasha.Ukwo ni ukuri. Kugira ububasha kubw'abantu bose.

65 136.Naravuze ubutumwa haraciye nk'imyakamirongo ibiri, ndibaza, ku Mwungere Umushingantahe Lily. Lily, umwungere.Narikuye mu gisomwa aho Yesu yavuze ati: “Ni mwitegereze amashurwe, ingen'akurantiyririrwa aratama, ntajisha impuzu. Ariko ndababwire, na Salomo mu bwiza bwiwebwose ntiyar'ashajije nka rimwe mur'ayo.”

Mwihweze amashurwe. Ava mu mucafu.Kandi buri minota wose w'umusi ategerezwa kuba ariko aradaha mw'ivu. Murabona?Kandi akoza iki ubu bubasha akwega? Aca abutanga. Bituma aca asa neza kuwuburaba. Aca yiyugurura yo nyene kubw'ubuki, kugira inzuki zize zironkeumugabane wazo. Ntimwidoge. Aburonka gusa kugira abutange. Vyogenda guteuruyuki rushitse aho; amafaranga ntakwiye, Nta buki buhari? Urwo ruyuki rutorwokwiyagaza mu mutwe hanyuma rukavuga ruti: “Mbega ni ubwoko ki bw'ishurweubwo?”

Nimba umuntu aje, ariko ageragezakurondera agakiza, agende mw'ishengero ryizera ko imisi y'ibitangazayarenganye?

Ni nka Jack Coe yavuze igihe kimwe.Yinjiye muri ya nzu badandarizamwo ibifungurwa bitese, hanyuma atora rwarupapuro runini rwanditsweko ibifungurwa bihari n'ibiciro vyavyo; atanguragusoma, intonge y'inyama y'inka yokeje hanmwe n'ibindi. Aravuga ati: “Ndafataintonge y'inyama y'inka yokeje.”

“Neza, ivyo vyari ivy'ejo hahise. Nta vyo dufise.”

66 Yaciye kandi ashira hasi rwa rupapurorunini rwanditsweko ibifungurwa bihari n'ibiciro vyavyo aca arasohoka,murabona, ivyo ni vyo, kubera ko batari bafise ikintu na kimwe co gufungura, ukovyba biri kwose. Kubw'ivyo wari gushobora kuja ahari ya nzu badandarizamwoibifungurwa bitese uronka ico gufungura.

67 Kandi umuntu wo mu buryo bwa mpwemu,ariko arakura, arakenera ikintu afungura. Ni Ijambo ry'Imana. Ndizera buriJambo ryose.

Imana irafise imeza iteguye,

Aho abera b'Imana bafungurirwa,

Iratumiye abantu batowe baYo,

“Ingo kandi ufungure.”

Ibafungurire manu yaYo,

Iduhe ivyo dukeneye,

Yoo, ni vyiza gusangira na Yesu umwanya wose.

Ukwo ni ukuri.Ego, mushingantahe. Yarironse. Ishengero rirarifise, Ishengero ry'Imana nzima,ryubatswe kuri uyu muntu atunganye, w'ubumenyi bwa Kristo. Ubu, ubu mutegerezwakugira ububasha.

68 136.Navuzekubw'ivyo, ikintu ca mbere muzi, hariho umuntu akunda kwimotereza akamoto keza.Ntiyigungirako. Arafise akamoto keza. Imbere yuko ashobora gutanga akamoto keza,ategerezwa kuba agafise. Imbere yuko ashobora gutanga ubuki, ategerezwa kubaabufise. Imbere yuko ashobora gutanga ubwiza, ategerezwa kuba abufise.

Imbere yukoushobora gutanga ingeso nziza, utegerezwa kuba uzifise. Kubw'ivyo, wongereko kukwizera kwawe ingeso nziza. Ameni. Muratahura? Twari gushobora kuguma kuri ivyoumwanya muremure, ariko umwanya wacu woduherana. Wongere ingeso nziza ku kwizera.Ubu, ubwa mbere ni ukwizera, hanyuma ingeso nziza.

69 Hanyuma rero,ubwa gatatu, wongereko ubwenge. Ubwenge, ubu, ubwo ntibusigura ubwenge bw'abomw'isi, kubera ko ubwo ari ubupfu ku Mana; ariko ubwenge bwo guca urubanza, gutandukanya(iki?) iciza n'ikibi. Ubicira urubanza gute, kubw'ivyo, nimba ufise ubwengerukristo hamwe n'ingeso nziza zawe n'ukwizera? Uratandukanya nimba Ijambo ari ukuricanke ikinyoma. Kandi nimba ushobora gushira ku ruhande za nemeye zawe zose,n'ukutizera kwawe kwose, ikintu cose uvuga ko

wakoze, rero uragira ubwengeukizera ko Imana idashobora kubesha. "Reka buri jambo ryose ry'umuntu ribeikinyoma, ariko Iryanje ribe ukuri." Murabona? Ubu muriko muraronka ubwenge.Ubwo ni ubwenge burengeje. Ntimutegerezwa kuronka impapuro z'umutsindo zine zakaminuza zimwezimwe, canke ikintu nk'ico, kugira uburonke, kubera ko izi ngesonziza zose muzihabwa n'Imana, kugira muzishire ku mushinge w'ukwizera kwanyu,mushobore gushika ku rugero runengesereye rw'umuntu w'ukuri, muzima w'Imana.Ego, mushingantahe.

70 Wongereko,wongereko ubwenge, kubera ko, ubwenge bw'Ijambo ryaYo. Mutegerezwa kwizera muri ubu buryo. Nka,mutegerezwa kwizera uno musi yuko i… kandi mukavyemera, yuko imisi y'ibitangazaitarenganye. Ubwenge bw'uko ivyo Imana yavuze, Imana irashoboye kubikora.

Aburahamuyarizeye ivyo. Kandi igihe yarafise imyaka ijana, ntiyadidinganya amasezeranoy'Imana biciye mu kutizera. Raba ingene iryo Jambo ryasa n'irikengeretse.Ng'uyu umugabo, w'imyaka ijana, arondera kuvyara umwana mu nzu yiwe, ku mugoreafise imyaka mirongo icenda. Murabona? Hafi[B6] imyaka mirongo itanu yariheze arenganye ibihe vyokuvyara, yabanye na we kuvaakiri u- umukobwa muto, canke mu myaka y'ubuyabaga. None ng'uyu, ubutinyankabwiwe bwarahagaze. N'igitereko ca Sara cari carapfuye. Kandi ivyizigiro vyosevyari vyaraheze, tuvuze ivyo kwizigira. Ariko, naho biri uko, ahatagiraivyizigiro, yarizeye ivyizigiro, kuko yarazi ko Imana yari ishoboye gushitsaikintu cose yasezeranye.

Ubu, igiheubironse nk'uko, rero ivyo vyongere ku kwizera kwawe. Igihe uronse ububashabw'ukuri, bwongere ku kwizera kwawe. Igihe ushobora kuja hanze hanomw'ibarabara, ukabaho nk'umukristo, ugakora nk'umukristo, ukaba umukristo,ongerako ivyo ku kwizera kwawe. Igihe ufise ubumenyi…

71 Uvuga uti:"Neza, sinzi ubu nimba iki canditseari ukuri gusa. Rero hano ni Ivyakozwe n'intumwa 2:38, sinzi ingene nohasanishan'Ivyakozwe n'intumwa 28:19, sinzi." Neza. Nta- nta kintu na kimwe wongerako,kubera utarakironka. Urabona? Ugiye gukora iki? Kubera ko, utararonka ubwengebukwiye bwo kumenya ivy'Imana, ntiharagera, ko Bibiliya itivuguruza ubwayo.Yireke yonyene. Ntihagire ikindi uyivugako. Urabona? Yireke yonyene.

Ariko igiheushobora kubona yuko Ivyanditswe bitavuguruzanya, yuko ushobora kuvuga uko;kandi ushobora kubona, yuko, biciye ku mpishuro y'Imana, ko Ijambo ryoseryanditse mu mabanga, kandi ubwenge bw'Imana bwonyene bushobora kurihishura;kandi igihe uronse kandi ukavuga, witabiriza Ijambo ry'Imana ryose na "amen,"rero ongerako kuri ivyo ku kwizera kwawe.

Yoo, uratanguyekuba umuntu mwiza cane ubu. Urabona? Uriko uraza, urabona. Hamwe n'iki? Hamwe n'ukwizera, hamwen'ingeso nziza, hanyuma ubwenge. Raba ingene uyu muntu yubatse? Urashoborakubona ko ata- ata nzira yo kubihunga. Iyi ni yo nzira yo kuba mu gihagararokinengesereye ca Kristo. Ego, mushingantahe.

72 Guca urubanza, guca urubanza neza.Guca urubanza nimba ari ukuri canke ikinyoma, kwizera Ijambo ry'Imana. Gucaurubanza nimba ari ukuri canke ikinyoma, nimba nokorera nemeye canke nomoreraImana. Guca urubanza nimba ari ukuri canke ari ikinyoma, novuka ubwa kabiricanke ko nokwiyunga n'ishengero. Rero, uba utanguye. Uce urubanza rw'ukukuri,igihe umuvugabutumwa avuze ati: "Imisi y'ibitangaza yararenganye." Bibiliyayavuze iti: "Yesu Kristo ni wa wundi nyene ejo hahise, uno musi, n'ibihebidashira." Ubu ni ibihe ugiye kwizera?

73 Igihe uvuze uti: "Nzotora Imana." Ubu,ntuvuze ivyo gusa kugira uvuge uti: "Neza, nda- ndatora iki," kivuye gusa mu mutimawawe. Ariko, ikintu kanaka kiri muri wewe, ukwizera kwawe kugusunikira aho. Ahouri. Ukwizera kwawe kuvuga guti: "Ndazi ko ari wa wundi nyene. Amen.Ndamushingira intahe ko ari we nyene. Nta kintu na kimwe coshoborakubinkuramwo. Ndazi ko We ari ukuri." Amen. Rero ongera ivyo ku kwizera kwawe.Ubishire kuri wa mushinge wawe. Uriko uraduga ubu, uriko uraza udatevye werekezaUbwami. Washitse mu kibanza ubu. Neza.

74 Ubu, ikintu gikurikira,umuvugabutumwa azokubwira, kandi abantu benshi baravuga bati: "I…ibi bintuwasomye muri Bibiliya, vyari ivy'uwundi musi. Ubu, ndakubwira igituma. Nikubera, tudakeneye ivyo bintu uno musi. Ntitubikeneye. Murabona? Ntidutegerezwa. Ntidutegerezwa gukora ivyo bintu, ugukizakw'Imana. Ntitwimenyereza kuvuga mu ndimi, mw'ishengero, ku-kugira tugumizeishengero ryacu ku murongo. Kandi ntidukora ibi."

Tuzoshika kuri ivyo. Naronse Icanditsekivuga hano ibijanye n'ivyo, murabona, nimba twoshobora kubandanya kubikoracanke tutobikora, ubu.

75 Ariko hano yavuze ati: "Sinzi. Ntidutederezwa gukora ivyo uno musi.Ikintu kimwe niyumvira twotegerezwa gukora, twotegerezwa kwiga kuvuga nezaimbere y'isinzi ry'abantu. Dutegerezwa kugenda kandi tukareka umugangaw'indwara zo mu muntwe akatugirira igipimo c'ubwenge bwacu, kugira abone nimbadufise ubushobozi bwo gushobora kwidondora, nimba urugero rw'ubwenge bwacurukwiye bihagije gukora ivyo, n'i- n'ibindi nk'ivyo. Nibaza…Kandi dufiseamashengero ahambaye kuruta ayandi yose.

Twubaka idini rwacu."

76 Ntituriko twubaka amadini. Sindi hanokino gitondo ngo nubake idini. Kristo ntiyigeze andungika ngo nubake idini.Kristo yandungitse ngo nubake abantu bashike ku gihagararo ca Yesu Kristo, ahobaba abantu buzuye ubushobozi n'ikibanza co kubamwo ca Mpwemu, biciye kw'IjamboryiWe. Biciye kw'Ijambo ryiWe, murabona, kwubaka abantu kuri ico kibanza. Atariukwubaka idini riba idini ririsumba mu bunini, ariko kwubaka abantu babaabahungu n'abakobwa b'Imana. Ni ico ciyumviro. Murabona? Wongereko ku kwizerakwawe, ingeso nziza; ku ngeso nziza wongereko ubwenge. Neza, ubu uriko uraza kukibanza.

Ubu igihe batanguye kuvuga bati: "Neza,ntidutegerezwa kwemera ivyo uno musi…" Mutegerezwa. Bitegerezwa kuba.

77 Ivyanditswe ntibishobora kubesha."Kandi ntibisobanurwa mu buryo bwihariye" ni ko Bibiliya ibivuga. Muvyizeragusa ingene vyanditse Harya. Murabona? Mutegerezwa kugira bino bintu. Kandiuburyo bumwe gusa muzoshobora kubironkamwo, ni ukugira ubwenge karemano buvamw'Ijuru. Kandi ubwenge karemano buva mw'Ijuru buzokwemeza Ijambo. Murabona?

Utegerezwa kwizera, atari ukwizerakwo mu vyiyumviro. Nta na kimwe muri ibi ari ukwizera kwo mu vyiyumviro,murabona, nimba ugerageje kuvuga uti:" Ndagufise." Ntube ya nyoni yirabura yambara amoya y'umusambi, urabona, kubera yoca atibuka ubwonyene. Mu bisanzwe ntiyakuriye aho. Barayahometseko gusa.

Ndiko ndiyumvira aho Dawidi yavuze, muri Zaburi 1: "Azoba nk'igitigitewe hafi y'imigezi y'amazi." Urazi, hariho itandukaniro hagati yoguterwa nogushirwa no guhomekwa. Nka ca giti c'umweloni ca kera, caterwa, gitagaraye hasikandi gishikamye. Iyo nkoni ntoyi ishizwe aho, ntumenya ikigiye kuyibako.Ntigira imizi. Nta mushinge ifise. Murabona?

78 Ni nk'abantu bamwe bamwe baza bavuye muri seminari canke ikintukanaka, murabona. Ntimufise…"Neza, Muganga Kanaka yarandambitseko ibiganza kubw'ibangory'igikorwa." Ntushireho itandukaniro na rimwe y'ico cari kiri.

Kristo yakukuvyariyemwo,murabona, murabona, biciye ku kwizera kwawe. Murabona? Warasubiriyeguhindukirira Imana no kukuvukiramwo. Hanyuma kandi umaze kukuvukiramwo, ibi niibintu Ikwitezeko ko wongerako. Gusa ugume uvyongerako. Ubu tugiye neza kumurongo. , ndamubwira ibijanye n'Ivyanditswe bimwe bimwe.

Cavuze, ikigatanyagifise itabi mu ntoke, cavuze giti: "Mushingantahe Branham, ndi umunyeshureyiga ivya Bibiliya."

Navuze nti: "Ndanezerewe kwumva ivyo."

79 Yavuze ati: "Ubu nshakakumenya ico ukwo kwizeraibintazi, urihisha amafaranga imiswara hanyuma ukayirungika, ukwokwizera ibintazi guto kwo gusengera imiswara hanyuma ukayirungika, yo uyita 'imiswaraisizwe,' 'umuswara.'" Yavuze ati: "Rero urayirihisha amafaranga."

Ndavuga nti: "Oya,mushingantahe. Nta mafaranga irihishwa."

Hanyuma yavuze ati: "Neza,kuri uku kwizera ibintazi."

Ndavuga nti: "Uvyiseukwizera ibintazi, mushingantahe. Mu minota mike iheze wambwiye ko wariumunyeshure yiga ivya Bibiliya."

Yavuze ati: "Ndi we."

80 Navuze nti:"Nsubiriramwo Ivyakozwe n'Intumwa 19:11." Ubwenge! Yaciye yita mu mutego wenyene, agerageza guhindura ivyo twariko turavugako. Navuze nti: "Nsubiriramworero Yohana 5:14." Ntiyashoboye kubikora. Navuze nti: "Nsubiriramwo Yakobo5:14." Ntiyashoboye kubikora. Navuze nti: "Woba uzi Yohani 3:16?" Murabona?Ubwenge, ubwiza, isi. Ariko igihe…

Yavuze ati: "Ariko,mushingantahe Branham uriko uragerageza guca runo rubanza ukoresheje Bibiliya.Turiko turarugerageza dukoresheje amategeko y'igihugu."

Navuze nti: "Mushingantahe,amategeko y'igihugu ntashingiye kuri Bibliya? Rero ni ubutungane." Amen! Atagukekeranya.

Ubwenge; atari ubw'isi.Ubwenge bwa Mpwemu w'Ijambo, tuzi ivyo Imana yavuze, dukora ivyo Imana yavuze, ukwoni ukuri. Rero nimba wararonse ivyo hanyuma ugashobora kwizera ivyo bintuvyose, yuko We ari wa wundi nyene, kandi yuko ibi bintu vyose Ijambo rivuga ariukuri, witabiriza buririmwe ryose na "amen." Ni vyiza. Wongereko ivyo ku kwizera kwawe. Ivyo nivyiza. Ego.

81 Nimba umuntu kanaka agerageje kukubwira, yuko, "Bibiliya yatakajeubushobozi bwayo. Nta kintu na

kimwe nk'umubatizo wa Mpwemu Yera." Ahah-hah.Ivyo ntuvyongereko. Ntibizogenda neza.Bizohomoka. Ni nko gushira ibumba ku rutare, ntibigumako. Bica bihomvomvoka.

Rero abantu barakubwira bati: "Bibiliya ntishobora kwizigirwa unomusi. Ugabe cane ubu. Ivyo ntuvyizere. Ntibishobora kuba …" Ivyo mwaravyumvaumwanya wose. Imvugo ntoyi ngo:"Ntushobora kwizigira Bibiliya." Neza, nimba- nimba ufise ivyo mu bwenge bwawe,ntu- ntugerageza kuvyongerako, kubera bitogenda neza. Inyubakwa yoseyohomvomvoka ubwo nyene.

82 Itegerezwa[B7] kunywana cane na Mpwemu Yera. Mvuze kobifatana, ibeto ibifatanya. Kandi ca kintu nyene kibifatanya… Urazi uburyo…

Ishamburiyeri[B8] yama imara igihe kirekire kurutaiyashizweko ikiraka gishaje. Ubushuhe buke bugiye ku kiraka gishaje kiri mw'ipine,ikintu ca mbere womenya, iyo pine uyegereje umucanwa, ikazunguruka inyarukabukebuke, rero ya shamburiyeri ica iyayuka. Ego, mushingantahe. Murabona?

83 Kandi iyoni yo ngorane y'abantu benshi uno musi. Bagerageza gufatanya ubwenge bwabon'ubwenge bw'isi, bakoresheje uburembo bw'isi bumaze igihe kinini gato, kandi,igihe ibigeragezo bije, "Neza, birashoboka ko nihenze." Murabona? Kandi ipepuzisohotse, uca ufyarama mu minota mike. Ugutaka kwawe kwose no gusimbagurikantaco biba bikikumariye. Abantu bakubona wasubiye muri vya bishanga vy'ivyondonyene. Murabona? Ni ukuri.

Ariko iyo ugumye aho ufise umucanwa ukwiye wa Mpwemu Yera, gushikaaho iguhindura ikintu kimwe na ya shamburiyeri. Ni ko biri. Wewe na ya shamburiyerimugacika ikintu kimwe. Igihe ugumye aho gushika aho wewe n'isezerano ryosery'Imana mucika ikintu kimwe, rero ongera ivyo ku kwizera kwawe. Nimbautabikoze, ntuvyongereko na gato. Uravuga uti: " Ijambo ntirishoborakwizigirwa." Ntugerageze gushirako ivyo.

Uravuga uti: "Amasezerano ari hano, y'umubatizo wa Mpwemu Yera,yari agenewe gusa intumwa cumi na zibiri," nk'uko amashengero amwe amwe abivugauno musi, ntugerageze kwongerako ivyo. Aho ni ho umushinge wabo uri,warabomaguritse. Murabona? Nk'uko Uziya yari, ejo mw'ijoro, igihe yabonaumushinge w'uno muntu yari yizigiye, ubomaguritse wose, yakubiswe n'imibembe,ntaco wari ukimaze. Ubu, "Neza na neza agenewe intumwa cumi na zibiri, intumwacumi na zibiri zonyene."

84 Nari hariya kwa Mwene data Wright… Nibazako bari bagarutse haryahantu. Ijoro rimwe, hari ho umukozi w'Imana, nariko ndavuga, hariabavugabutumwa bane canke batanu bari kumwe. Uno muvugabutumwa yarahagurutsearavuga ati: "Ubu, ngomba ndababwire bantu nkunda ikintu kimwe. Yoo, nibaza komuri abantu beza."

Navuze, nabwiye umuntu, mvuga nti: "Uyo ni- uyo ni umwe yari yicayeharya. Raba."

85 Kubw'ivyo, Junior Jackson, aho inyuma, yarahejeje kuvuga. Kandiyavuze…yariko aravuga Ubutumwa ku buntu bw'Imana. Yoo, bagenzi!

Yariko araka, akirindiriye. Yarashitsehohanyuma aragerageza gutahura. "Ubu, ngomba kuvuga ko umushingantahe Branhamhano, ndababwiye, ni uwurwanya Kristo." Kandi yatanguye nk'uko, ijoro ryose.

Bamwe mu bavugabutumwa baratanguye…Navuze nti: "Rindira umunotaumwe. Ubu, ntihagire ico muvuga, bene data. Hari gusa umwe wo kuri we hamwen'umugwi wacu." Navuze nti: "Gusa mumureke wenyene ubu. Yatoye jewe." Narindagikeneye, jewe ubwanje, bibi cane, sinarinzi ico gukora. Murabona?

86 Kubw'ivyo, yavuze ati: "Umushingantahe Branham ni uwurwanyaKristo," kandi yabandanije avuga ko ikintu cose, uzi, kijanye… yavuze ati:"Yavuze harya, 'Umubatizo wa Mpwemu Yera.'" Yavuze ati: "Bibiliya yavuze kobari cumi na babiri bonyene baronse Umubatizo wa Mpwemu Yera." Ku bijanye no gukira mu buryo bwa Kimanayavuze ati: "Za ntumwa cumi na zibiri zonyene ni zo zari zifise ugukiza muburyo bwa Kimana." Yavuze ati: "Tuvuga aho Bibiliya ivuze, kandi tugahora ahoBibiliya icecetse." Nararindiriye gushika aho avuga ibitagira intumbero hafink'igice c'isaha.

Navuzenti: "Rindira gusa umunota umwe. Naranditse vyinshi hano," navuze nti: "Mpa amahirwe nishure bimwe." Kandiigihe nahaguruka, navuze nti: "Uyu mushingantahe, yavuze ko 'yavuze ahoBibiliya yavuze, 'ni ko ishengero ryiwe ryakora, 'kandi yahora aho yaba ihoze.'Mwese muri ivyabona. 'Ego.'" Navuze nti: "Ubu, yavuze 'Bari cumi na babiribonyene baronse Umubatizo wa Mpwemu Yera.' Bibiliya yanje yavuze ko bari ijanana mirongo ibiri, umugere wa mbere." Amen! Shiburira hanze ubwo bwoko bw'ubwenge,murabona, ubwo yariko aragerageza.

87 Navuze nti: "Reroniyumvira yuko Paulo ataronse Mpwemu Yera igihe yavuga ko yakoze."Murabona?

Navuze nti: "Hasimu…Igihe Filipo yamanuka yigisha ubutumwa bwiza Ab'Isamariya. Babatijwemw'Izina rya Yesu. Gusa, Mpwemu Yera ntiyabajeko. Kandi bararungitse hanyuma baronkaPetero na Yohana, baramanuka babarambikako ibiganza, hanyuma Mpwemu Yera azakuri bo. Nibaza ko bari cumi na babiri bonyene?"

Navuze nti: "MuVyakozwe n'Intumwa 10:49, aho Petero yari ku gasongero k'inzu, hanyuma akabonaiyerekwa ko baduga kwa Koroneriyo'. Mu gihe Petero yarakiriko aravuga ayamajambo, Mpwemu Yera yarabajeko abariko bumviriza rya Jambo." Navuze nti: "Bibiliyairacariko iravuga. Ishengero ryawe riri hehe?" Ni inyuma muri za ryoba-riri.Ukwo ni ukuri. Murabona?

88 Navuze nti: "Ugukira muburyo bw'Imana, wavuze 'Za ntumwa cumi nazibiri zonyene ni zo zari zifise ugukiza mu buryo bwa Kimana.' Bibiliya yavuzeyuko Setefano yamanutse i Samariya yirukana abadayimoni no gukiza abarwaye,kandi hari umunezero mwinshi mu gisagara. Kandi ntiyari umwe muri bamwe cumi nababiri. Ntiyari intumwa. Yari umudiyakoni." Amen. Amen.

Navuze nti: "Na Paulo ntiyari umwe muri bamwe cumi na babiri barimu cumba co hejuru, kandi yarafise ingabire yo gukiza."

Navuze nti: "Ihweze gusa ingabire yo gukiza! Kandi ugeragezegutahura, imyaka mirongo itatu iheze, yari akiri mub'i Korinto, ashirahoingabire yo gukiza mu Mubiri wa Kristo." Yoo, bagenzi!

89 Ubu, ubwo bwoko bw'ubwenge wiga mu bitabo bimwe bimwe, vyoba vyizaubushiburiye muri twa tugapo batamwo umucafu. Ingo kuri buno bwenge. IgiheImana yavuga iti: "Ni wa wundi nyene ejo hahise, uno musi, n'ibihe bidashira,"vuga, "Amen." Ego, mushingantahe. Ego, mushingantahe. Si kuri bamwe cumi nababiri gusa, ni kuri bose. Igihe uronse ubwo bwoko bw'u- ukwizera, igiheukwizera kwawe kuvyitabiriza, agace gato kose, na "amen," rero uravugauti : "Neza," ivyo bikwongereko.

Ubugira kane. Tuzotegerezwa kwihuta, gusa kubera ko ndi…Gusabimeneze neza cane guhagarara hano hanyuma ukabivugako. Amen. [Mwene data avuzeati: "Turabinezererewe."- Ed.] Ego. Ubugira kane… Murakoze.

90 Ongerako "ukwirinda." Yoo, bagenzi! Turashitse ku kwirinda. Ubu,wararonse ukwizera, ubwa mbere; utegerezwa kukugira, ugatangura ugufise.Hanyuma ukongerako ingeso nziza ku kwizera kwawe, nimba ari ubwoko bw'ukuribw'ingeso nziza. Hanyuma urongerako ubwenge, nimba ari ubwoko bwiza bw'ubwenge.Ubu uca wongerako ukwirinda.

Ukwirinda ntibisobanura kandi hano ngo: "Hagarika kunywa ibiboreza."Oya, oya. Ukwirinda ntibisigura umuti w'ibiboreza, si muri iyi ntumbero. Uku niukwirinda kwa Bibiliya, ukwirinda kwa Mpwemu Yera. Uku ni kumwe mu kwipfuza kw'umubiri,ariko turiko tuvuga ku bijanye n'ukwirinda kwa Mpwemu Yera. Ivyo bisigura, ukouganza ururimi rwawe, si ukuba umunyarusaku; uko uganza ishavu ryawe, atariugutwarwa n'agashavu umwanya wose umuntu akwishuranye ishavu. Yoo, bagenzi!

91 Muhungu, benshi muri twebwe bagiye kugwa imbere yuko dutangura, sivyo? Murabona? Hanyuma turibaza igituma Imana itari mw'Ishengero ryaYo, ikoraibitangaza n'ibindi bintu bari bamenyereye gukora. Ego, mushingantahe.Murabona?

Ongerako bino bintu. Uvyongereko ukwirinda. Yoo, ukwirinda, ingenewishura mu burwaneza iyo umuntu akubwije ishavu ryinshi. Umuntu kanaka aravugaati: "Mwebwe mwa mugwi w'akaguma ngaho!" Ntimusimbe mwogera muzinga amabokoy'ishati zanyu ubu. Murabona? S'uko. Ariko muvugane urukundo rw'Imana,ukwirinda, uburwaneza. Uko ni ko mushaka kuba? [Ikoraniro rivuze riti: "Ameni."-Ed.]Igihe bagushavuje, nawe ntubashavuze. Reka We akubere akarorero.

Igihe bavuze bati: "Ni waba ur'Umwana w'Imana, bwira aya mabuyeacike imitsima," Yari gushobora kubikora, kandi akerekana ko Yari Imana. Arikoyari afise ukwirinda. Igihe baMwita "Berezeburi," Yavuze ati: "Nzobababarirakubw'ico." Ukwo ni ukuri? Bamukweze ubwanwa bwuzuye ikiganza mu maso hiWe, nokumuvuma amate mu maso hiWe, no kuvuga bati: "Ibambure ku musaraba!"

92 Yavuze ati: "Data, bababarire. Ntibanazi ico bariko barakora."

Igihe, Yaronka ingabire, Yamenye ibintu vyose, kuko muri We hariukunengesera kw'Ubumana mu mubiri. Bari bamubonye akora ibitangaza, abwiraabantu ingorane bafise, n'ibindi nk'ivyo. Baramufunze igitambara mu mutwe wiWenk'uko, bamufunga amaso yiWe, hanyuma baMukubitisha inkoni mu mutwe, bavugabati: "Vugishwa, tubwire uwugukubise.Tuzoca tukwizera." Murabona? Yari afiseukwirinda.

Ubu, nimba uyironse nk'uko, yongere ku kwizera kwawe. Nimbaugifatwa n'ishavu no kwishurana indero nke, kandi ugishwana no kurengerwan'ishavu, no kuvuza induru, ntugira…ntushobora kwongerako ivyo kukobitongerwako. Murabona? Ntibisobora gucangana. Ntushobora gufata igicec'umusipi w'ishamburiyeri, murabizi, ngo ukivange n'igice c'icuma.Ntivyovangana. Oya, gitegerezwa kuba coroshe, neza na neza nk'uko umusipiw'ishamburiyeri uri. Murabona? Kandi iyo ukwizera kwawe n'ukwirinda kwawebihindutse ubwoko bumwe bw'ukwirinda kwa Mpwemu Yera ukwo yari afise, rerobirashobora kunywana na We. Ushirwa kuri kwo. Igihe ingeso nziza zawe zimezenk'ingeso nziza ziWe, rero zongerwa kuri zo.

93 Igihe ubwenge bwawe busa n'ubwenge bwiWe, "Ndaje, nzanywe no gukoraivy'ugomba, Mana."

Murabona? Hamwe n'Ijambo rya Data, Azonesha umurwanizi wese.Amajuru n'isi bizokurwaho, ariko Ijambo ntirizokurwaho. Murabona? Igihe uronseubwo bwoko bw'ubwenge, buranywana n'ukwizera kwawe.

Igihe uronse uburyo bw'ukuri bw'ukwirinda, nk'ubwo Afise,buranywana. Nimba udafise, ukwizera kw'igice, canke ukwirinda kwononekayekwakozwe n'umuntu, "Yoo, narigutegerezwa kumukubita urushi, ariko- arikokumbure vyari kuba vyiza ntamukubise, kuko bategerezwa kubinyandikako kurupapuro." Ubwo si bwo buryo bw'ukwirinda Yariko aravuga. Ntugerageze kwongerakoivyo. Ntaco vyomara. Ariko igihe woshobora vy'ukuri, kubabarira umuntu wesen'uburwaneza buvuye mu mutima wawe, ukibera amahoro, ukabireka bikarengana,murabona, rero bizonywana. Urashobora kwongerako ivyo ku kwizera kwawe. Ahuuu!

94 Ntibitangajekuba hari agahaze mw'ishengero. Si vyo? Ntibitangaje. Novuga nti: "Nimwihanekandi mubatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo." Ni ko Bibiliya ivuze. Rero umuntuyizeye ubutatu ntiyizera ivyo, avuga ati: "Uwo ni uwurwanya Kristo kuva kera.Ni uw'Izina rya Yesu. Ni uwa Yesu Wenyene." Mugabe, bagenzi, sinzi ibijanyen'ukwirinda kwanyu muri kano kanya. Murabona? Ni kubera iki utaje, uvuga uti:"Reka tubihanahaneko ivyiyumviro hamwe, Mwene data Branham. Noshimye canekwumva Iki gisiguwe"? Murabona? Hanyuma umanuke uze uvyumvirize. Kandi bishizweneza na neza imbere yawe, kandi hanyuma ukigendera; tura- turabishikako muminota mike, ku "kwubaha Imana," murabona. Ariko igihe u- igihe utwawen'ishavu, ushaka gutarukira kuri buri ngingo yose, huh-uh, ukwo- ukwo si kobiri. Murabona? Ntuba uraronka ukwirinda kwa Bibiliya mu gihe ukora uko; ingenewishura. Rero igihe uronse ibi vyose, urashobora kwongerako ibi ku kwizerakwawe.

95 Rero, inyuma y'ivyo, ubugira kane, ushaka kwongerako ukwihangana kukwizera kwawe. Nimba ufise ukwizera, "kuzana ukwihangana," ni ko Bibiliyaivuga. Murabona? Kubw'ivyo, uku niukwihangana. Ubu, ni co kintu gikurikira kigiye kwubaka kino gihagararo.Murazi, Imana yarironkeye ibikoresho vy'ukuri mu Nyubako yaYo.

Itegereze uko dufise ivyo duhajije, mwene data, mushiki wacu?Murabona? Ihweze igituma, turi hehe? Ego, mushingantahe. Murabona? Turafiseubwiza, turafise ugutaka hamwe n'ibindi, kuko dufise ukwizera. Ariko igihetumanutse kuri bino bintu ngaha, Imana ntishobora kutwubaka muri icogihagararo. Murabona? Ntishobora. Ntishobora kuturema gushika ku buryo bw'aho[B9] hantu. Twararonse ibibindi bintu vyose. Turagwa, tukakunyererana. Murabona? Ntishobora kwubakaIshengero ryaYo.

96 Ukwihangana hamwe n'iki? Ni ubwoko ki bw'ukwihangana? Ikintu ca mbere,ni ukugira ukwihangana hamwe n'Imana. Nimba ufise ukwizera kubereye kw'ukuri,uzoronka ukwihangana kubereye kw'ukuri, kubera ukwizera kuzana ukwihangana.Igihe Imana ivuze ikintu cose, uracizera. Ni ivyo. Urafise ukwihangana.

Uravuga uti: "Neza, naMusavye ejo mw'ijoro ankize, kandi ndacarwayekwa kundi nyene kino gitondo." Yoo, bagenzi! Mbega ukwihangana?

Imana yabariye Aburahamu, kandi inyuma y'imyaka mirongo ibirin'itanu nta n'ikimenyetso na kimwe cari gihari. Yagumye yizeye. Yagumyeyihanganye hamwe n'Imana. Uhuh-uh.

97 Mushire igihe cose imbere yawe. Mureke abe ikintu gikurikira ujabukirako.Ntushobora kuMurengana, kubw'ivyo mugumize gusa imbere yawe. "Ni ko yavuzekandi bigiye kuba." Murabona? Mugumize imbere yawe. Ukwo ni ukuri.

Nowa yari afise ukwihangana. Ego. Nowa yari afise ukwihanga kw'ukuri,kw'Imana. Imana yavuze iti: "Ngira mperengeteze ino si n'imvura," kandi Nowayigishije imyaka ijana na mirongo ibiri, bikiri uko. Ukwihangana kwinshi. Ntan'ima ryigeze rikoroka riva mw'ijuru. Nta kintu na kimwe cari gihari. Hari gusainkungugu itari bwabeho, muri iyo myaka ijana na mirongo ibiri, ariko yagumyeafise ukwihangana. Rero Imana irapima ukwihangana kwawe. Ukwo ni ukuri. Imanairabapima.

98 Inyuma yaho, Yabwiye Nowa, ubu Yavuze iti: "Nowa, nshaka koubandanya kandi winjire mu bwato. Ngomba ninjizeyo ibikoko, kandi ngo- ngombako winjira. Uduge hejuru, ubu, kugira ushobore kuraba hanze, mw'idirisha ryohejuru. Ubu, nshaka winjireyo. Nshaka ubwire bano bantu uti: 'Ejo aho bukera,ivyo nigishije mu kiringo c'imyaka ijana na mirongo ibiri, bizoba.' Neza,manuka hariya ubabwire."

Ikimenyetso ca mbere cari ikihe? Nowa yarinjiye mu bwato. Nta mvurayari ihari. Nowa yariteguye, hanyuma yambara ikoti, n'ikintu cose, kugiraashobore kuraba hanze, rimwe gusa mu mwanya muto. Yariteguye. Ariko ku musiukurikira…

Nizeye kumbure ko yari yashoboye kubwira umuryango wiwe,n'abakazana biwe n'abandi bose, avuga ati: "Yoo, bagenzi! Ejo aho bukera,muzobona ikintu mutari bwigere mubona. Kubera, ijuru ryose, hazobahiraburaniwe. Kandi imituragaro n'imiravyo bizohaba. Ya nkota nini y'Imanaizokata ijuru. Azocira urubanza uyu mugwi w'abanyavyaha badushibuye, muri iyimyaka ijana na mirongo ibiri. Mwirabire gusa mubone." Murabona?

99 Bamwe mu bizera b'igice, murabizi, bagendagenda impande n'impandekandi badashaka na gato kwinjira, murabizi. Kubw'ivyo ba-baraduga, bavuga bati:“Neza, uyu mutama kumbure arashobora kuba ari mu kuri, kubw'ivyo turadugayohanyuma turindirireyo imisi mikeyi, canke turindire amasaha makeyi mu gitondo,hanyuma turabe.”

100 Bukeye bwaho, mu gishingo c'ibicu vyiraburaniwe, ehe haserutseizuba ryaka neza na neza nk'uko ryahora ryaka imisi yose. Nowa araraba hanze.Aravuga ati: “Ehe, nta bicu bihari.”

Uyo muhungu araseruka, avuga ati: “Aah, narinzi ko uri umwe muribo. Murabona, muriko mugendagenda impande n'impandehano.”

“Neza,mbabarira, mushingantahe. Ha-ha. Kumbure nda-nda- nda, urazi, ni ukwirorereragusa, urabizi. Uburyo bwo, murabona. Ha-ha-ha.”

Ariko,Nowa, yari afise ukwihangana. Yavuze ati: “Nimba itaje uno musi, hazoba ari ejo.”Kubera iki ? Ni ko Imana yavuze. “Ivyo Yabikubwiye ryari ga Nowa?”

101 “Haraheze imyaka ijana na mirongo ibiri. Naje uru rugendo,kubw'ivyo ndindiririye hano ubu.” Murabona ivyo? Haciye akanya gato…

Dusanze, Imana yaje uru rugendo, irindiriye Ishengero, na ryo,ariko rizobayo. Ntimugire ikibazo. Yarabisezeranye.

Twarindiriye uyu mwanya kubw'izuka ry'abapfuye. Rizohaba. Ntimugireikibazo. Imana yarabisezeranye. Murindirane ukwihangana gusa. Usinziriye itirory'urupfu, ivyo nti…Wosinzira kumbure agatiro imbere yuko biba, ariko uzovyukakuri uyo mwanya. Yarabisezeranye, murabona. Agatiro, murabona, ico twita itirory'urupfu, agatiro gakeyi gusa, canke ukuryama muri Kristo. Nta kintu nk'iconko gupfira muri Kristo. Ubuzima n'urupfu ntibibana hamwe. Murabona? Turasinziraagatiro gusa, agatiro abagenzi bacu badashobora kudukoma baduhamagaye. Ari wewenyene gusa ashobora guhamagara. “Azohamagara kandi nzoMwitaba,” ni ko Yobuyavuze. Yobu yararyamye ubu mu kiringo c'imyaka ibihumbi bine. Ntimugireikibazo. Azo- azovyuka. Ntimugire ikibazo. Aracarindiye.

Nowa yararindiriye. Umusi ugira kane urahera. Nta mvura. Ni vyiza.Bigiye kuba.

Ndashobora kwumva muka Nowa yegereza avuga ati: “Data, uri muku-… ?”Ntuvuge nk'uko.“

Yari afise ukwihangana, kubera yari afise ukwizera. Ego, mushingantahe.Yari afise ingeso nziza. Yari afise ubwenge ko Imana yari mu kuri. Yari afiseukwirinda. Ntiyatwarwa n'ishavu, avuga ati: “Neza, sinzi ico bisigura ibi vyose.Naratakaje ugukundwa kwanje aho.” Oya, oya. “Abantu ntibakinyitayeho na gato.Ndasohotse harya hanyuma ntangure bushasha vyose, bishasha kandi.” Oya, oya.Yarafise ukwihangana. Imana yarasezeranye. Imana izobikora. Imana izobikorakuko Imana yabivuze uko.

Kandi ndashobora kubona umuhungu wiwe yegereza, avuga ati: “Data,urazi…” Akorakora imvi ziwe ndende, urabizi. Na we yarafise imyaka amajana,murabizi, yibera ngaho. Yavuze ati: “Ndazi uri umukurambere. Nda- ndagukunda,data. Ariko vyoshoboka gute kugira ushobore kuba wihenze gato?”

“Yoo, oya, oya.”

“Kubera iki?”

“Imana yavuze uko!”

102 “Neza,data, ng'iyi imisi itandatu twicaye hano. Twibera hano muri ubu bwato bunini, bushajebwumye twibera aha nyene.Kandi bwarashizwe hose uburembo, imbere n'inyuma hanze.Kandi twamaze iyi myaka yose tubwubaka. Kandi wahagarara hanze aho wigishagushika aho umera imvi ukazana n'ubuhanza. None hano ni ho uhagaze ubu,ugerageza kuvuga iki na kiriya. Kandi abantu bariko baritwengera, bongerabatera itomati zaboze n'ibintu ku ruhande rwa bwo. Raba harya ivyo urikourakora. Kubera iki,

103 urazi…“

“Ihangane,muhungu.”

“Urabizineza?”

“Imvuraizogwa!”

Umukazana wiwearavuga ati: “Data, urabizi…”

“Imvura izogwa!”

“Arikotumaze iyi myaka yose, turindiriye. Twariteguye. Hanyuma watubwiye yuko igiyekugwa, iyinga iraheze. Kandi turi indani ngaha, n'imiryango yose irugaye, noneturiko tugendagenda hirya no hino turi

indani aha kandi n'izuba riturira nk'ukobisanzwe."

"Ariko izogwa!"

"Ubizi gute?"

"Imana yabivuze uko!"

Ubu, igihe uronse ubwo buryo, bwongereko. Ariko nimba utaronse ubwoburyo, ntu- ntugerageze kwongerako. Ntibishoboka. Nta co bifasha mu gukizaindwara. Nta co bifasha ku kindi kintu cose. Murabona? Bitegerezwa kwongerakona vya bikoresho nyene vyacangana. Ukwo ni ukuri. Utegerezwa kuvyongerako. Ukwihanganan'isezerano ry'Imana. Ego, mushingantahe. Nowa yaravyizeye. Kandi yarafiseukwihangana hamwe n'Imana, imyaka ijana na mirongo ibiri.

Mose, yari afise ukwihangana hamwe n'Imana. Ego, mushingantahe."Mose, numvise ukuboroga kw'abantu banJe. Nabonye imibabaro yabo. Manukanywe nokubarokora. Ngiye kukurungikayo."

Kandi itandukaniro ritoyi hagati yiwe n'Imana, kandi Imanayamweretse ubwiza bwaYo. Yavuze ati: "Ndi hano ndagiye." Igihe yabona ubwambere ubwiza bw'Imana, murabona, yari afise ukwizera.

Yavuze iti: "Ico ni igiki kiri mu kiganza cawe, Mose?"

Yavuze ati: "Inkoni."

Yavuze iti: "Yiterere hasi."

Yaciye ihinduka inzoka. Aravuga ati: "Yoo, bagenzi!"Yatanguye…

104 Yavuze ati: "Yifate, Mose. Nimba nshoboye kuyihindura inzoka,ndashobora no kuyisubiza uko yari imeze kandi."

Ah! [Mwene data Branham akomye amashi incuro zitatu- Ed.] Amen!Nimba Imana ishoboye kumpa ubuzima busanzwe, Irashoboye kumpa Ubuzima bwo muburyo bwa Mpwemu! Nimba Imana yarishoboye kumpa ukuvuka kwa mbere, Yarishoboyekumpa Ukuvuka kwa kabiri! Amen! Nimba Imana ishoboye gukiza iki, biciye mugukiza kw'Imana, Irashobora kandi kukizura kubw'icubahiro caYo, mu misi yanyuma. Ukwo ni ukuri.

"Ndashobora guterera hasi ino nkoni hanyuma nkayihindura inzoka.Ndashobora kuyihindura igasubira kuba inkoni. Yifate umurizo."

105 Mose aramvura ukuboko arayitora. Aho yari, inkoni. Atanguye kwongerakoubwenge ngaho. Urabona?

"Ufise iki mu kiganza, ubu, Mose?"

"Nta na kimwe."

"Gishire mu gikiriza cawe."

"Neza cane. Bimeze gute…" Umuzungu arwaye imibembe. "Ewe Mwami,raba ukuboko kwanje!"

"Gusubize mu gikiriza cawe, Mose."

Yagusubije nk'ukwo,kwahindutse gusa nka… Atanguye kuvyongerako gusa nk'uku, rero, murabona. Ego, mushingantahe.

Yaramanutse agendayo. Kandi igihushane ca mbere… Yaramanutseagendayo. Yaravuyeyo aravuga ati: "Umwami Imana yavuze ati: 'Rekura abantubanje bagende.' Farawo, nshaka ko umenya ibi. Naje nk'uwuserukira Imana.Utegerezwa kunyumvira."

106 261.Farawo yavuze ati: "Numvira? Urazi uwo ndi we? Ndi Farawo.Kukwumvira, umuja?"

Yavuze ati: "Uzonyumvira, canke uhone. Uzokora canke kimwe ushaka."Kubera iki? Yarazi ivyo yariko aravuga. Yarafise igikorwa. Yari yamanutseyo.Yaravuganye n'Imana. Yari afise ukwizera. Yarazi aho ageze.

"Ushaka ko ndakwumvira wewe? Sohoka va hano!"

"Nzokwereka."

"Nyereka ikimenyetso."

Aterera inkoni hasi; ihinduka inzoka.

"Kubera iki," avuga, "Uwo munyamareba akora ibidashe! Ingo hanoumunota umwe. Ingo hano, Yane,

wewe na Yambure, muterere inkoni zanyu hasi." Barazitereyehasi, hanyuma zihinduka inzoka.

Yavuze ati: "Ubu, wewe ataco umaze, waje hano kuri jewe, Umunyegiputa,Farawo wa Egiputa. Kandi waje uzanye hano bimwe mu bikorwa vyawe bidafashevy'amareba, bumwe mu buswaganyi bwawe," urazi, ugusoma iciyumviro. Murazi icomvuze. Nizeye yuko muriko murabitahura. "Ukwiyumvira ikintu kimwe muri kure nakure canke ikintu kanaka, murabona, ego, kuza hano ufise bimwe muri ivyo."Yavuze ati: "Neza, turashobora gukora ibisa n'ivyo mukoze."

107 261.Mose yari iki? Ntiyavuze ati: "Yoo, mushingantahe Farawo, nda-ndasavye umbabarire, mushingantahe. Nzoba umuja wawe." Oya, mushingantahe.

Yagumye ahagaze yitekaniye. Amen. Yigumiye aho gusa. Imana yavuze,neza na neza ata gukekeranya mu Mutima wiwe, iti: "Nimwitekanire. Nzokwerekaikintu." Igihe ukoze neza ico Yakubwiye ukore, gisa naho cagenze nabi; ugumeutekanye, wihangane.

108 Mose yavuze ati: "Murazi, igihe nashirwa kuri uyo mushinge, harihoukwihangana kwashizweko, kubw'ivyo nzorindira gusa hanyuma nzobone ico Imanaizokora."

Hariho inzoka za kera,zinyogomba hirya no hino, zisifurana zongera zihuhana. Ikintu ca mberemwomenya, inzoka ya Mose yaragiye, "Iramiragura, iramiragura, iramiragura,"irongera irazimiragura zose. Yari afise ukwihangana. Abiteze Umwami, bazokwamabiyubura mu nkomezi nsha, bazodugisha amababa nk'inkukuma. Ukwo si ukuri?[Ikoraniro rivuze riti: "Amen."-Ed.] Murabona? Ego. Bazokwiruka ntibaruhe,bagende ntibadendebukirwe.

Murabona, gusa murindirire ku Mwami. Mugire ukwihangana. Murabona? Ego,mushingantahe.

109 Hanyuma Isirayeri yari igiye gusohokanwa. Ibihushane binini biraza,hanyuma Mose ararindira.

Hanyuma yagiye mu bugaragwa. Ni nk'urugendo rw'imisi itatu cankeine gusa. Ni mayile mirongoine gusa uvuye aho yajabukiye aho, neza na neza ujabutse aho basubiriyeguhurira. Ariko, Mose, mu bugaragwa, yarindiriye imyaka mirongo ine.Ukwihangana. [Mwene data Branham aratwenze-Ed.] Amen. Ukwo ni ukuri. Yarindiriyeimyaka mirongo ine. Yoo! Ego, mushingantahe.

Hanyuma twotegerejwe kandi kugira ukwihanganiranira. Murabona? Rimwe na rimwe… Tura-turabaabatihanganiranira. Twiyumvira ko dutegerezwa kuba nka Mose. Mose yari afiseukwihanganira abantu. Mwihweze, ni co cabatumye batajabuka. Murabona? Iyo uriko uragerageza gukora ikintu…

110 Nk'uko,naragerageje gushikana buno butumwa kw'ihema, kugira mbone yuko buri munywanyiwese w'ihema ahinduka iki. Biragoyegukora. Naragerageje kugira ukwihangana ; iyi ni imyaka mirongo itatun'itatu. Murabona ? Gira ukwihangana. Abagore baracimwesha imishatsi yabo,baracari kwa kundi nyene. Ariko mugire gusa ukwihangana. Murabona ? Mugireukwihangana gusa. Murindire. Mutegerezwa. Nimba mutagufise, ntimugeragezekukwubakira hano. Mugire ukwihangana.

Nahoigihe kimwe, igihe uyo mugwi w'abantu b'abagumutsi bagira ukutihangana nk'uko,batumye Mose akora ikintu kitari co. Ariko, naho biri uko, igihe bashika ku guhangana,Imana yararuhijwe n'ibikorwa vyabo. Yavuze iti : "Itandukanye, Mose. Nzokwica uyo mugwi wabo wose,hanyuma ntangure bushasha."

Yitaye ubwiwe mu canzo aravuga ati : "Mana, ntubikore." Iki ? Ukwihanganira abantu baribamugumukanye.

111 Ndibazanimba twari gushobora gukora uko? Nimba utobishobora, ntugerageze kwubaka kur'iki, kuko nti- nticohinduka, murabizi.Iyo ni yo nzira iya mbere yanywanishijwe muri iki, kandi ni ko umwe wese muri bo ategerezwa kunywanishwa. Nimbautabishoboye, ntushobora gushika kuri ico gihagararo c'aho Imana nzima yibera,nimba utaronse ukwihangana, ukwihanganiranira. Neza cane.

Abanab'abaheburayo bari bafise ukwihangana. Ata nkeka, bari bagufise. Imana yariyabasezeraniye, ibabwira iti: "Ntimwunamire igishushanyo na kimwe." Arikobagize ukwihangana. Bavuze bati : "Imana yacu irashoboye. Ariko, nahobimeze uko, ntituzunamira igishushanyo cawe." Ukwihangana, muzirikana ibi, yukoImana izomuzura kandi mu misi ya nyuma.

Ubu buzima ntaco busiguye, inyuma ya vyose. Murabona ? Imana izongera kubuzura mu misi ya nyuma. Ariko,igihe bishitse ko twunamira igishushanyo, ntituzobikora. Ubu, tuzoha Kayisariivya Kayisari, ariko, hageze aho Kayisari yinjirira Imana, Imana ni iya mbere.

"Imana yavuze iti: 'Ntimwunamira ico gishushanyo.' Kandi ntavyonzokora. Imana yacu rashoboye kutubohora. Nimba Itabishoboye, sinzokwunamiraigishushanyo."

Yavuze ati: "Neza, hariho itanure."

"Neza," yavuze ati: "Yoo, ndibaza, yari gushobora kugwa cane rinojoro no gushira hanze ibintu vyose." Ariko ntiyabikoze. Yagumye yihanganye.

112 Bukeye bwaho mu gitondo, igihe bashirwa imbere y'ubucamanza, ni ho Nebukadineza yari yicaye. Yavuze ati :"Neza, basore, muriteguye kunyibuka nk'umwami wanyu?"

"Ata gukekeranya. Ubeho ibihe vyose, ewe Mwami."

"Ubu rero ni mwunamire igishushanyo canje."

"Yoo, oya."

"Neza,muzoturirwa. Mwebwe muri abantu babahanga. Murabanyabwenge. Mwaradufashijecane. Mwabereye umugisha ubwami bwacu. Muashobora gutahura yuko ntipfuza gukoraiki? Ariko ndandabivugiye hano, kandi bitegerezwa gukorwa. Sinshakakubatererayo aho. Yoo, bagabo, ni igiki kibabayeko?"

"Ndaziyuko ivyo vyumvikana neza, ariko Imana yacu irashoboye kutubohora. Ariko nahobiri uko…" Bagize ukwihangana.

113 Batanguyekugenda baduga. Umwe araba uwundi. "Ni vyiza. Neza." Bari bihanganye. Barateyeintambwe imwe, Imana siho yari iri. Intambwe zibiri, si ho yari iri. Intambwezitatu, intambwe zine, intambwe zitanu, barabandanya gusa, n'ubundi si ho yari ari. Hanyuma barinjira nomw'itanure ryaka umuriro. Bari bafise ukwihangana. Ariko ni ho Yari ari.Murabona ? Umucanwa ukwiye gusawarabashikiriye, kugira uturire iminyororo yari ku maboko n'amaguru yabo. Hanyumarero igihe yashika epfo mu kinogo, ni ho Yari ari. Murabona ? Bari bafiseukwihangana.

Daniyeliukwo nyene. Daniyeli yari afise ukwihangana. Ni ukuri. Ntiyaragiye guheba. Oya,mushingantahe. Yakoze iki ? Yarabugururiye amadirisha hanyumaarabasengera, naho vyari bimeze uko. Cari igisabwa n'Imana. Yari afiseukwihangana. Yararindiriye Imana, azi yuko Imana yari ishoboye kugumya IjamboryaYo. Bamutereye mu rwobo rw'intambwe, bavuga bati : "Tuzokureka intambwezigusangangure."

Yavuzeati: "Ivyo ni vyiza." Yari afise ukwihangana. Kubera iki? "Neza, narindiriye Imana uyu mwanyawose. Nimba ntegerezwa kurindira iyindi myaka igihumbi, nzozuka kandi mu misiya nyuma. Kubw'ivyo, yagize ukwizera, ararindira."

Paulo yari afiseukwihangana. Ata gukekeranya yari agufise. Ihweze ivyo Paulo yategerezwagukora. Muvuge ibijanye n' ukwihangana.

Abapentekote bo bimeze gute? Igihe cose bahawe igikorwa, "rindiragushika," murabona, "Rindira gushika muhawe ububasha." Umwanya unganagute? Ntibari bafise ikibazo na kimwe, "Bizomaraumwanya ungana gute?" Bari baronse inyishu gusa, "Rindira gushika."

114 292.Baraduzeyo hanyuma baravuga bati: "Neza, bahungu, birashoboka ko muminota cumi n'itanu uhereye ubu Mpwemu Yera agiye kutuzako hanyuma natweturonke ibango ry'igikorwa." Iminota cumi n'itanu irahera, nta numwe. Umusiumwe urahera, nta n'umwe, ibiri, itatu, ine, itanu, itandatu, indwi.

Bamwe muri bo barashoboye kuvuga bati: "Ehe, ntiwibaza ko twamazekuMuronka?"

"Oya, oya, oya, oya."

Uko ni ko biri. Oya. Ukwo ni ukuri.

115 "Mwoba mukoze neza musohotse, bahungu." Umurwanizi yavuze ati: "Mu-mu- murazi yuko mwamaze kuronka ico mushaka. Bandanya, mutangure ibangory'igikorwa canyu."

"Oya, oya, oya. NtituraMuronka, turacarindiriye. Kuko yavuzeati : 'Hazoza, ikizoba mu misi ya nyuma : Hamwe no kugigimizan'izindi ndimi nzobwira aba bantu, kandi ubu ni bwo buruhuko navuze,' murabona,Yesaya 28 :19." Yavuze ati: "Uyu ni- uyu ni We, mu- muzoMuronkaigihe…Kubera iki, tuzomenya igihe Azozira. Tuzobimenya, 'Isezerano rya Data.'"Yaharindiririyeyo imisi icenda. Hanyuma rero ku musi ugira cumi, "Ni ho twarituri." Bari bafise ukwihangana, kurindira.

Ubu, nimba mwamaze kuronka ukwihangana nk'ukwo, hanyuma Imanaikabaha isezerano kandi mukaribona muri Bibiliya, "Ni jewe," rero rindira.Rero, nimba wararonse ubwo bwoko bw'ukwihangana, bwongereko ku kwizera kwawe.Kandi urabona uko ureha ubu? Uriko uraduga uja hejuru buno nyene. Neza. Ukuboko kw'isaha kuriko kurazunguruka, na kwonyene, si vyo? Neza. Neza. Ongerako ibi ku kwizera kwawe.

116 Wame uMushira imbere yawe igihe cose, wibuka ko, ari Weyasezeranye. Si jewe, nasezeranye. Si umwungere, yasezeranye, Mwene data wacuNeville. Ntiyari uwundi mukozi w'Imana kanaka, yasezeranye. Ntiyari umupadirikanaka canke papa. Ntiyari umuntu n'umwe kw'isi. Yari Imana yasezeranye, kandiImana irashoboye gushitsa ikintu cose yasezeranye. Neza. Nimba wararonsenk'ubwo bwoko bw'ukwzera, ukumenya ko Imana yasezeranye. Uravuga uti: "Mwenedata Branham, ndarwaye.

Nkeneye ugukira guteye ubwoba cane." Vyemere. Niakaganuke uhawe, ego, mushingantahe, nimba ushobora kwizera. Uravuga uti: "Neza,ndizeye." Hanyuma uvyibagire. Ni ivyo. Biraheze. Murabona?

Gira ukwihangana, nimba wararonse ukwihangana. Nimba utari, uriko urahomokauva kuri ino nzu hano, murabona. Izotembagaza n'ibindi vyose biri kuri yo, icokindi kintu. Wategerezwa kugira ico. Ntucongereko, kuko, kizotwaza inzu yawenimba utaronse ukwihangana, nimba utaronse ingeso nziza wongera ku kwizerakwawe uvuga ko waronse. Nimba utaronse ukwizera, kandi ukagerageza kwongerakoingeso nziza kuri kwo, bizoca ukwizera kwawe. Murabona? Uravuga uti: "Neza,ubu, rindira umunota umwe. Birashoboka ko uku ari ukwihenda, uko biri kwose.Birashoboka ko Imana atari Imana. Birashoboka ko Imana idahari." Murabona,bizocamwo kabiri ikintu ubwo nyene. Murabona?

117 Ariko nimba ufise ukwizera kw'ukwuri, hanyuma ukazongerako ingesonziza z'ukuri, hanyuma ubwenge bw'ukuri, hanyuma ukwirinda kw'ukuri, hanyumaukwihangana kw'ukuri. Murabona? Uriko uraja imbere neza na neza ku murongo.Neza.

Ubwa gatanu, ongerako ukwubaha Imana. Yoo, bagenzi! Ukwubaha Imanakwongerweko. Ukwubaha Imana bisigura iki? Nararavye muri kazinduzi zine cankezitanu kandi sinashoboye gutora ico gisigura. Mu nyuma, nari hariya kwa Mwenedata Jeffries, twaragitoye muri- muri kazinduzi. Ukwubaha Imana gisigura "Kuba nk'Imana." Yoo, bagenzi! Umazekuronka ukwizera, ingeso nziza, ubwenge, ukwirinda, ukwihangana, rero uba nk'Imana.Ahuuu!

Uravuga uti: "Sinshobora gukora ivyo, Mwene data Branham." Yoo,ego, urashoboye.

Reka ndabasomere gusaivyanditswe bike hano, umunota umwe gusa. Matayo 5:48. Turafata iki hanyumaturabe uko vyumvikana, Matayo 5:48, hanyuma turabe nimba utegejerejwe kubank'Imana. Murazi yuko Bibiliya ivuga iti: "Muri utumana." Ni ko Yesu yavuze.Kubera iki? Ingeso nziza zose, ibintu vyose biri mu Mana, biri muri mwebwe.Matayo 5:48, "Mwebwe ni mube…" Yesu ariko aravuga, mu buhirwe.

Mwebwe ni mubea-g-a-h-o-r-e, (Ico ni igiki?) agahore, nk'ukoSo wanyu…mw'ijuru ari agahore.

118 Mwaduze aha hejuru ubu, imbere yuko musabwa gukora ivyo. Ibi bintuvyose bitegerezwa kwongerwako ubwa mbere. Hanyuma rero igihe ushitse hanohejuru, ubu Abasaba ko muba agahore, mwubaha Imana, mube abahungu n'abakobwa b'Imana. Ukwo ni ukuri. Niibintu bingana gute nashoboye kuvuga kuri uyo murongo!

Reka tuzingururure Abanyefeso 4, hanyuma turabe ico ari co hano, mugitabu c'Abanyefeso, haravuga ibijanye n'iki kintu, na ho nyene, ibijanyen'ingene twoshobora- twoshobora gukora. Abanyefeso, ikigabane kigira 4, hanyumadutangure n'umurongo wa 12. Abanyefeso 4, hanyuma dutangure n'umurongo wa 12.Neza. Reka dutangurire hano hejuru ku murongo wa 11.

Kandi yahaye bamwekuba intumwa; abandi kuba abavugishwa na we;…

Muribuka ejo mw'ijoro? Ntimukagerageze gufata igikorwa c'uwundimuntu. Murabona?

…abandi kuvugaubutumwa bwiza; abandi kuba abungere…hanyuma abandi, abigisha;

119 299."Kubwo gutungana kw'Imana" Hasomwa nk'uko? [Ikoraniro rivuze riti:"Oya."-Ed.] Ugutungana kw'iki? ["Abera."]Abera ni bande? Ni abo bejejwe. Amen. Abo batanguriye kuva hano hasi.

…abera babone gutungana, baheze bakore igikorwa co kugabura ivy'Imana (igikorwa ca Yesu Kristo), bubake umubiri wa Kristo (bubake,kuwubaka, bubake) : gushika…

Kugeza aho twese tuzoshikira kukugiriranira ubumwe buva ku kwizera, no…ukumenya Umwana w'Imana, no kubaumuntu atunganye, no gushika ku kimenyamenya, (yoo bagenzi), gushika ku rugezo rw'igihagararo c'ukunengeserakwa Kristo :

120 299."Atunganye"gifata ukwubaha Imana. Murabona, utangurira hano hasi, n'ingeso nziza. Hanyumauca uja ku bwenge. Hanyuma uca uja ku kwirinda. Hanyuma uca uja ku kwihangana.Ubu uri ku kwubaha Imana. Ukwubaha Imana! Yoo, bagenzi! Umwanya wacu uriko urahera.Reka turabe. Ariko murazi ico ukwubaha Imana casigura. Mwararirimvye inondirimbo:

Kumera nka Yesu, kumera nkaYesu,

Kw'isi nipfuza kumera nka We ;

Mur'uru rugendo rwose rw'ubuzima

Uhereye kw'isi gushika mu bwiza

Nipfuza gusa kuba nka We.

121 Ukwo ni ukwubaha Imana. Igihe yakubitwa ikofe ku musaya umwe,Yarahindukije n'uwundi. Igihe yashinyagurirwa, ntiyavuze. Nta we yashavuriye.Murabona? Mu kwubaha Imana, yarondera ikintu kimwe gusa, "Nkora igihe cose icokinezereza Data." Murabona? Ego, mushingantahe. Igihe cose. Ukwo ni ukwubahaImana. Murabona?

Umaze kuza ukava hano,ugashika aha, ugashika aha, ugashika aha, ugashika aha,ugashika aha, ubu uba uriko uraza mugihagararo kinengesereye ubu c'Umwana w'Imana. Ariko utegerezwa kugira iki, guteranya ibi vyose, kandi ntushobora no gutangura kugeza uronse iki.

122 299.Ubu mwibuke ya nyoni yirabura ifise amoya y'umusambi. Ntimumwibagire.Murabona? Ntimugerageze kuyongerako kugeza vy'ukuri muvutse ubwa kabiri. Kuberako, mwebwe, ntibizokora, kandi mwebwe- mwebwe ntimushobora gutuma bikora.Bizoshika kuri iki, canke iki hano, bizohomvagurika ahantu kanaka.

Ariko igihe utoye hanohasi, akanuma kavutse ubwa kabiri vy'ukuri, rero nta na kimwe uzokwongerako. Kishirakuri wewe, urabona, kaza kaduga, neza, ubu kaba kariko kaza mu gutungana. Neza.

Hanyuma, ubwagatandatu, reka twongereko, Bibiliya ivuga hano, wongereko urukundo rwa benedata…ukugira neza kwa bene data. Ubu, n'ico ni ciza, aha nyene, icagatandatu, indwi. Neza. Mwongereko ukugira neza kwa bene data. Neza. Igihedushikiriye ico, ukugira neza kwa bene data, niwishire wewe nyene mu kibanzaciwe, kuri ico kibazo. Ubu uravuga...

123 "Umuvukanyi wanje yancumuyeko," niko Petero yavuze. "Nzomuharira," yavuze ati: "Incuro indwi ku musi?" Yavuze ati: "Mirongo irindwi incuro indwi." Murabona?

Ukugira neza kwa benedata. Ubu, murabona, nimba Mwene data yagenze ukutabereye, ntubeuwutamwihanganira. Murabona? Oya. Murabona? Umubere mwiza. Bandanya, nahobimeze uko.

Umuntu umwe yavuze, ntagihe kirekire giheze, yavuze ati: "Ni gute ushobora kwizera ibi bintu iyi nziraubikoramwo, hanyuma ukaguma ugenda mu Bamakoraniro y'Imana, no mu Banyabumwe, n'ahandihose?" Rero, shirako, murabona, ukugira neza kwa bene data. Murabona? Murabona?Twizigiye yuko, umusi umwe, murabona; twamwihanganiye, murabona, tugiraukwirinda, turaca mu makuba ariko turamwihanganira, ubwenge, kugira atahure icoyizeye, muribuka, biri mu mutima wiwe, ico kiri co; ingeso nziza, muri wewe,kugira ureke zisohokane n'ukugira neza, ukwiyorosha, kuri we, wizeye yuko umusiumwe Imana izomwinjiza. Murabona?

124 Ukugira neza kwa benedata, ikintu kigira indwi. Rimwe, kabiri, gatatu, kane, gatanu,gatandatu, indwi. [Mwenedata Branham akubitaguye ku kibaho incuro ndwi- Ed.] Murabona,ikintu kigira indwi. Rero, ubu, uriko uraza.

Ikintu gikurikira,rero, ongerako ukwitaho abandi ari rwo rukundo. Iryo ni rya buye ry'agasongero.Umwe muri ino misi, mw'ishengero…

125 Ubu, ndasavye, rekabimenyekane kw'ikaseti, n'ahandi ahariho hose, sindiko ndigisha ibink'inyigisho, ico ngira mvuge ubu. Ariko nipfuza gusa kubereka ko, biciye kubufasha bw'Imana, ico kiri vy'ukuri, yuko, Bibiliya ya mbere Imana yigezekwandika yari Zodiyakemw'ijuru. Itangurana n'inkumi. Irangiriza kuri ca kimenyetso ca Zodiyakeintare. Kandi igihe ninjira muri iryo shashara rya gatandatu n'iry'indwi,murabona ko, igihe iryo rindi shashara ryugururwa, ikimenyetso ca Zodiyakec'aho hantu cari kanseri[B10] , amafi ahura. Kandi ico niigihe ca kanseri tubayemwo ubu, gihishuwe. Hanyuma ikintu gikurikira ishashararyuguruye, ryahishura ca kimenyetso ca Zodiyake intare, ukuza kwa kabiri kwaKristo. Yaraje, ubwa mbere, ku nkumi; araza, ubukurikira, ca kimenyetso caZodiyake intare. Ibi nzobizana ku…

126 Ubu, sinzi nimba nzakuronka umwanya kino gitondo. Ndakorauko nshoboye kwose, kugira ndabereke yuko izi ntambuko ziri mu ruhiza, neza naneza, Bibiliya ya kabiri Imana yanditse. Enoke yarazanditse, hanyuma azishiramu ruhiza.

Kandi ica gatatu, Imanayama igihe cose itunganywa mu bwa gatatu, hanyuma Ikigira Yo nyene IjamboryaYo.

Hano, ubu, mwibuke,uruhiza…Ndibaza benshi mwebwe abasirikare n'abandi mwari muri Egiputa. Uruhizantirwariko agasongero. Ntikigeze na gato kajako. I- ibuye rya Sikoni[B11] , n'ibindi baronse, arikobagumye…

127 Nimba ufise inoti y'idoraremu mufuko wawe, raba kuri iyo noti y'idorare, kandi urabona yuko, hariya muruhande rw'iburyo, hari inkona ifise ibendera ya Amerika. Kandi havuze, ikidodo"ca Leta zunze ubumwe." Mu rundi ruhande, ifise uruhiza, rufise ibuye rininicane ry'agasongero hamwe n'ijisho ry'umuntu. Bisigura kuri uru ruhande, "Cakidodo gihambaye." Neza, nimba iki ari igihugu gihambaye, kubera iki iki kidodogihambaye kitoba ikidodo caco bwite c'igihugu? Imana ituma bashinga intahe,ntaco bitwaye iyo

bagenda.

Nariko ndavugana n'umuganga igihe kimwe, kandiyariko arankosora, ku bijanye no gukira mu buryo bw'Imana. Nari mpagazekw'ibarabara. Yavuze ati: "Mushingantahe Branham, gusa uritiranya abantu."Yavuze ati: "Nta gukira kubaho, kiretse biciye mu buvuzi."

128 322.Vyarashitsendahindukira ku ruhande, ndaba ikimenyetso ciwe kiri ku muduga, cari gifise iyonzoka ku giti. Navuze nti: "Vyoba vyiza ukuyeko kirya kimenyetso ku mudugawawe, rero, kuko ikimenyetso cawe bwite kiremeza yuko Imana ari Umukiza."

Umuganga w'ukuriarizera ivyo. Abo ni abavuzi b'ivyigangeso.Ego, mushingantahe. Inzoka ku giti! Mose yaramanitse inzoka ku giti. Yavuzeati: "Ndi Umwami akiza indwara zanyu zose." Kandi bararavye inzoka, kubwogukira mu buryo bw'Imana. Kandi naho bimeze uko, barayirwanya; naho bimeze uko,ikimenyetso cabo bwite canyuranya na bo.Ahuuu!

Hano, igihugu cacu,bariko bavuga ibintu uko bimeze, kandi babitwenga, n'amahera yabo bwite, amafarangayabo agaragaza ko ikidodo c'isi yose ari Imana. Ihweze iryo jisho rihagaze ahohejuru yuko, kur iyo noti y'idorare? Ico ni ca kidodo gihambaye.

Ntiwigeze ushirwakoagasongero k'uruhiza. Ntibashoboye gutahura igituma. Rya Buye ry'agasongeroryarashibuwe, Umutwe, Kristo. Ariko rizoza, umusi umwe.

Ubu, mukwubaka, ingeso nziza… Kwubaka kino cibutso, kwubaka kino gihagararo, murabona,bitangurana n'ibuye ry'umushinge; ukwizera, ingeso nziza, ubwenge, ukwirinda,ukwihangana, ukwubaha Imana, ukugira neza kwa bene data. Ubu, ivyo bikora iki?Rero baracarindiriye Ibuye ry'agasongero, ari ryo rukundo, ku Mana ni urukundo.Kandi Aragenzura, kandi ni We nkomezi z'umwe wese muri ibi bintu. Ukwo niukuri. Ego, mushingantahe.

129 Neza naneza aha imbere, neza na neza aha imbere, murabona ko naronse, hagati nahagati, ibi bikorwa vyose hano imbere, kandi hano ino mipfunda mitomito yaje.Ivyo ni ibiki? Mpwemu Yera amanutse, aciye muri Kristo, murabona. Mpwemu Yera!Mpwemu Yera ari hejuru y'ibi vyose,afataniriza ibi hamwe, yubaka (iki?) ishengero ritunganye, kugira rya buyery'agasongero rifunike.

Ni igikicakozwe kandi? Yigaragaje biciye mu Bihe Ndwi vy'Ishengero, no mu ntwarabutumwandwi z'amashengero.

Yatanguriyehano inyuma. Ishengero ryatanguriye hehe ubwa mbere? Ishengero rya Pentekoteryatanguriye hehe ubwa mbere? Ryatangujwe n'Umweranda Paulo, i Efeso, inyenyeriy'igihe c'Ishengero rya Efeso, Efeso.

130 Igihec'Ishengero kigira kabiri cari Simuruna. "Ingeso nziza." Irenewo, wa muntuahambaye yashigikiye Ubutumwa bwiza bwa Paulo.

Igihec'Ishengero gikurikira cari Perugamo, yari Maritino. Maritino yari umuntuahambaye yasigaye. Paulo, Irenewo, Maritino.

Hanyumamuri Tuwatira haje Kolomba. Muribuka? Ni hano, hacapuwe neza na neza aho.Kolomba. Havuye Kolomba… Igihe c'Umwijima carinjiye.

Hanyumahaje Sarudi, co gisigura urupfu. Luteri. Haleluya!Iki rero? Haca hakurikira iki havuye Sarudi, Luteri?

Hanyuma haca haza Filadelufiya. "Ukwubaha Imana." Wesileyi, ukwera!"Umugororotsi abeshwaho n'ukwizera," ni ko yavuze Luteri. Ukwezwa biciye kuriWesileyi.

131 Hanyuma hinjiye ukugira neza kwa bene data, biciye muri Lawodikiya.Kandi turizera yuko Ubutumwa buhambaye bw'uguseruka kwa kabiri kwa Eliya, muriino misi ya nyuma, buzokubura igihugu.

Muri hano, Ibihe Indwi vy'Ishengero, intambuko ndwi. Imana mukwubaka Urushengero rwaYo, ni nk'umuntu umwe yinjiye mu bumuntu, muri we nyeneubwiwe. Ubwiza, Ubushobozi bw'Imana buriko buramanuka buciye muri iki, bufataniriza ibi hamwe. Kubw'ivyo rero, abantu b'Abapentekote bahagaritse Abantu ba Luteri, bahagaritseabantu ba Wesileyi n'abandi, ntibazi ivyo bariko baravuga. Murabona, babayemuri iki gice c'ihema. Iyo ni yonzira, abantu bamwe bamwe bashobora kuduga hejuru hanyuma bagatibuka. Arikohariho igice c'ukuri c'aho, kiguma gikora iyo nyubako kugira iduge. "Nzogarukana,"ni ko Uhoraho agize.

132 Muribuka Igiti mugeni?Muribuka bwa butumwa ku Igiti mugeni?Barakiriye cose, ariko Yaragitutuririye. Bazanye amashami y'amadini; Arayatuturayose. Bahagurukije irindi shengero, amashami y'amadini; Araritutura. Arikoumutima w'ico Giti wagumye ukura. "Kandi mu gihe c'akagoroba hazobahoUmuco."Murabona? Aho ni igihe Kristo yaje, Mpwemu Yera. Yesu aramanuka hanyuma aje

kuBurongozi bw'Ishengero rero, kandi Azozura iri Shengero, ribe Umubiri wiWebwite. Muri ryo hariyo Umubiri.

Kandi uburyo Imana itwiteze nk'abantu ko dukura, ni bwo buryoyinjije Ishengero ryiWe kugira rikure. Buri gihe cose c'Ishengero, kibaIshengero rimwe rinini. Murabona?

133 Aba bantu ntibasabwe ivyoaba bantu bari. Ibi ntivyasabwe ico ibi vyari. Murabona? Ariko Yadugije hejuruIshengero ryiWe mu buryo bumwe. Yadugije ryiWe- Ishengero ryiWe hejuru mu buryobumwe nk'uko yadugije abantu biWe hejuru. Rero Petero aravuga hano, ubwa mbere,ibintu indwi : ukwizera, ingeso nziza, (murabona, kuduga), ubwenge,ukwirinda, ukwihangana, ukwubaha Imana, urukundo rwa bene data, wongerekoukugira neza kwa bene data, hanyuma rero urukundo rw'Imana. Mpwemu Yera, Kristomu muperesona wa Mpwemu Yera, aza kuri wewe, mu mubatizo w'ukuri wa MpwemuYera, hanyuma ukaronka izo ngeso nziza zose zidomweko ikidodo muri wewe. Rero,Imana iba mw'Ihema, yitwa Inyubako, Ihema rizima ry'ikibanza co kubamwo c'Imana nzima.

134 Iyo umuntuafise ubu bwoko bw'ibintu, rero Mpwemu Yera aza kuri we. Ntaco bitwaye, woshoborakuvuga mu ndimi, woshobora kwigana ingabire yose Imana ifise. Urashobora gukoraivyo. Ariko igihe cose izi ngeso nziza hano zitarinjira muri wewe, nturaronkaumushinge ubereye, w'ukuri w'ukwizera. Ariko igihe izi ngeso nziza zikuriyemwo,hanyuma ukazongera kuri ivyo, rero uba uri icibutso kizima. Uri ikigirwamanakizima, kigendagenda.

Ariko,murazi, a- abapagani, barapfukama imbere y'ibigirwamana, imana biyumviriye.Kandi mu buryo biyumvira bizera yuko iyo mana biyumvira ivuga ikabishura. Ubwoni ubupagani. Izo ni inyigisho zubakiye kuri Roma. Barunama imbere y'ubwokobw'aberanda bose n'ibindi vyose kandi. Kandi barafise Umweranda Sisiliya, inzuy'ikigirwamana, n'ibindi vyinshi bitandukanye bisa n'ivyo. Baravyunamira, kandimu vy'ukuri bakizera ivyo mu buryo biyumviriye. Ubwo ni ubwoko ki, bw'Imananzima y'ukuri.

135 Ariko igihetwebwe, atari mu buryo bw'ivyiyumviro, ariko tugapfukama imbere y'Imana nzima, ingesonziza nzima, ubwenge buzima, ukwihangana kuzima, ukwubaha Imana kuzima,ubushobozi buzima buje buva ku Mana nzima, bigira umuntu muzima ishusho nzimamu gihagararo c'Imana. Ariko akora iki? Vya bintu nyene Yesu yakora; agendamuri bwa buryo nyene Yagenda, akora vya bintu nyene Yakora. Kubera ko, atariikintu ciyumviriwe. Harimwo ukuri kuvyemeza.

136 Murabonaivyo nsiguye? Murabona ingene izi ngeso nziza, ibi bikoresho vy'inyubako,bingana n'intwarabutumwa z'Ishengero, hamwe n'ibihe vy'Ishengero? Ubu, umwemuri ino misi, tugiye gutora buri rimwe muri aya majambo, kandi turyigako, no kwerekanako ivyemeza. Vyose birajana. N'ukuri. Murabona? Yoo, bagenzi! Ese ingene ivyoari vyiza cane, murabona, kubona ico gi- ico gikora.

Ubu, iyo niyo Nzu Imana ibamwo; atari inyubako ifise ikengeri nini ku mutwe wayo, n'icobayihondesha kinini. Murabona? "Ariko Umubiri wanteguriye," Umubiri Imanaishobora kubamwo, Imana ishobora kugendamwo, Imana ishobora kubonamwo, Imanaishobora kuvugiramwo, Imana ishobora gukoreramwo. Amen! Igikoresho kizimac'Imana, Imana igendera ku maguru abiri, muri wewe. Icubahiro! "Intambukoz'umugororotsi zirongorwa n'Imana," Imana igendera muri wewe. "Kubera muriivyete vyanditse, bisomwa n'abagabo bose." Kandi nimba Ubuzima buri muri Kristoburi muri mwebwe, muzogaragaza Ubuzima Kristo yagaragaje.

